# RUMURIKIRANGABO

## ANNUEL

N° 164 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Kigarama 2023

## IVYARANGUWE MU MWAKA W'I 2023




## Umwuga wa gisirikare si nk'iyindi ni umuhamagaro

P.3





## Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi buritayeho ugutsimbataza imigenderanire

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe
Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com
Site web : www.mdnac.bi

## Uruganda rw'ikinyamakuru

**Uwurongoye ikinyamakuru**

Col Biyereke Floribert

**Uwurongoye Uruganda**

Lt-Col GAHONGANO Emmanuel

**Icegera c'uwurongoye Uruganda**

Maj BAZIRUTWABO Herman

**Umunyamabanga**

Maj NGEZAHAYO Serge

**Icegera c'Umunyamabanga**

Maj NGENZEBUHORO Alice

**Uwuhinyanyura ikinyamakuru**

Maj NDAYIZIGIYE Fidèle

**Abanditsi**

Lt-col HAKIZIMANA Prosper

MAJ NDAYISABA Roger

MAJ CIZA Anatole

Maj MANIRAMBONA Diomède

Maj NININAHAZWE J.M.V

Capt NZAMBIMANA Norbert

Capt NTAKARUTIMANA Ruth

Capt HABOGORIMANA J.B

# Umusi mukuru w'ukwifurizanya umwaka mushasha ni igihe co kwirimbura no gusangirira hamwe

Igihe cose mu mpera z'umwaka dufata ko ari nk'akanya ko kurangiza igihe umuntu yarimwo agatangura ikindi kiringo gishasha. Ivyo bigatuma twibagira ko ubuzima bw'umuntu budacirwamwo imice. Ariko, ni nde yohakana ko ku vyerekeye itunganywa ry'imigambi, umwaka mushasha ari akaryo ko kwinjira mu kindi gihe gishasha? Mu bisanzwe, ni uguhindura uburyo umuntu akoramwo, uburyo ibintu vyokorwa hamwe no kubishira mu ngiro kugira ngo ububasha bw'umuntu busubire itoto, akabona iyo agana.

Uko umwaka utashe, inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano baratunganya umunsi mukuru wo kwifuriza umwaka mushasha umuryango w'Umukuru w'igihugu. Ni akaryo ko guhura no gusangirira hamwe, ariko cane cane ni igihe co gusubiza amaso inyuma ku vyaranguwe, kuraba aho ibintu bigeze kugira ngo twiyumvire ibizorangurwa muri kazoza, twiyumvira ko ibintu bizoba vyiza mu ntumbero yo kwitera intege no kwigiza inyuma ico cose coza kiduca umutima. Ibihe nk'ibi si ibihe vyo kuryoherwa gusa, ariko ni ibihe bitanga akaryo ko kuvuga ubutwari bwacu, ivyo twifuza gushikako, ivyizigiro vyacu, ivyo tutatunganije neza ndetse n'ivyo tutaranguye. Ni akaryo kadasanzwe ko gusubira kwiyemeza kwitangira igihugu. Uwo mutima ukaba uva ku bushobozi bwo kwemera ubutumwa dufise hano kw'isi. Nico gituma umuntu abwirizwa kwitegura kugira atange intererano yiwe mu kwubaka igihugu, mbere no kw'isi yose.

Ukubaho k'umuntu n'intererano yiwe bigaragarira mu mirimo arangura. Aho tubaye, mu gihugu n'ibihe tubamwo, bama biteze umusaruro uvuye mu bikorwa vyacu. Ibikorwa turangura biragaragaza abo turi kandi bigatuma bidutez'imbere mu migenderanire n'abandi. Ibikorwa bikozwe neza bitera iteka ababikoze bigaca vyerekana aho ubuntu bwabo bugera. Turatahura neza ko atari ukwiyobagiza ivyo ubwirizwa gukora ahubwo ni ugusesengura ibihe urimwo n'aho uri kugira ngo ushobore gukora neza nk'uko umuhinga Sigmund Freud avuga: « Kubaho ni ukugira ivyipfuzo bijanye n'ingendo ijanye n'ibihe umuntu aba arimwo. » Ivyipfuzo vyacu bitegerezwa kujana n'ubutumwa tujejwe kandi n'ivyo dutegerezwa gukora. Ku vyerekeye ivyo dutegerezwa kurangura, umuhinga Jean Paul Sartre yavuze ati: « Uruhara rwacu ni ntangere gusumba uko tuvyibaza kubera ko rudusaba gukorera ikiremwa muntu aho kiri hose. » Nk'uko biri, ivyo tujejwe biduhamagarira kurangura ico gikorwa kandi bikadutuma dutorera inyishu ingorane ziba zihari.

Kugwanira igihugu nico umusirikare wese ajejwe. Hejuru y'ivyo, umusirikare ategerezwa kwama yiteguye kurangura ubutumwa aho hose haba hakenewe ko aburangurira. Nico gituma ata musirikare ashobora kwirengagiza ivyo ategerezwa kurangura. Aho hose igikorwa kimuhamagarira, umusirikare ntasubira inyuma, atera iteka igihugu camwibarutse biciye mu bikorwa arangura hamwe no gutahura uruhara rwiwe rudasanzwe. Ntitworeka gukeza rero intwari z'abasirikare, ibisongerezi n'intwazangabo, bama bitanga na ntaryo aho hose bagiye kurangurira ubutumwa kugira ngo batere iteka urwego barimwo, eka mbere n'igihugu cabibarutse.

Inyifato y'ugukunda igihugu y'umwenegihugu n'umusirikare vy'umwihariko mu migenzo y'igihugu. Ni ukumenya ivyaranguwe n'abatwitangiye imbere kugira bitwigishe mu kurangura amabanga tujejwe ku gihugu, eka n'aho tubaye. Ubutwari bwa Ntare Rugamba, Mwezi Gisabo na Bihome, eka n'abandi butegerezwa na ntaryo kutumurikira kugira ngo twitwaze na ntaryo rwa rumuri rw'icubahiro n'iteka kuko ivyo bibuze tuguma mu mwijima wa kahise.

***Col FLORIBERT BIYEREKE***

# Kwigisha kugira twubake urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu kurangura umwuga wa gisirikare neza

*Muri uno mwaka w'2023, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rubicishije mu gisata kijejwe inyigisho (G7), rwararanguye ibitari bike mu vyerekeye inyigisho. Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruratanga ku barugize imigwi yose inyigisho z'akanovera kuva bacinjira, eka mbere no ku basanzwe bari ku kazi mu ntumbero yo kurangura ubutumwa bakurikije ubumenyi, ubuhinga n'amategeko vy'umwuga wa gisirikare.*

Nta wutaziko ko inyigisho ari kimwe mu nkingi zituma abagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi barangura imirimo bajejwe, bakurikije ubumenyi , ubuhinga n'amategeko vy'umwuga wa gisirikare.

Ari naco gituma urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rumaze gutahura ko inyigisho zifise akamaro ntangere rubishicishije ku gisata kijejwe inyigisho mu gisirikare ( G7) rwitanze rutiziganya mu gutanga inyigisho z'akanovera ku basirikare bagize imigwi yose.



*Umukuru w'Igihugu yarabibukije imikangara ko umuntu wese yifuza kwinjira mu rwego rwa gisirikare ko atari kurondera akazi ariko ari umuhamagaro wo kwigura abandi n'igihugu*

Ku vyerekeye inyigisho zibanze, mw'ishure kaminuza ry'intwazangabo mu ntwamiheto (Iscam), haruguruwe ku mugaragaro umwaka w'ishure w'2022 ushira umwaka w'2023 mu kwezi kwa rusama 2023. Kuri uwo munsi w'ibirori nyene, umugwi wa mirongo itanu na kabiri w'imikangara y'intwazangabo mu ntwaramiheto waremerewe kwinjira mu gisirikare mu gihe umugwi wa cumi n'icenda w'intwazangabo wariko unonosora ivyirwa warahiye imbere y'Umukuru w'igihugu cacu c'Uburundi Jenerari-Major Ndayishimiye Varisito. Umukuru w'igihugu cacu c'Uburundi yarakeje uburongozi bw'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB) hamwe n'uburongozi bw'ishure kaminuza ry'intwazangabo mu ntwaramiheto (Iscam) ku kugene bitanga batiziganya mu gutanga inyigisho z'akanovera ku mikangara yo mur'ico kigo, ejo bundi iyo mikangara ikaba ariyo izoba ijejwe gukingira igihugu n'ubutunzi bwaco. Umukuru w'igihugu kandi yaratanze impanuro kur'iyo mikangara iri mur'ico kigo ca kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto. Yarabibukije ko umuntu wese yifuza kwinjira mu rwego rwa gisirikare ku mugwi uw'ariwo wose atari kurondera akazi ahubwo ngo ni umuhamagaro kandi udasanzwe; umuhamagaro wo kwigura abandi no kwigura igihugu.

Tubandanije n'inyigisho zibanze, mu kwezi kwa Mukakaro 2023, harabaye kwinjiza ibisongerezi vy'intwazangabo mu ntwaramiheto i Bururi (ESO) mu murwi wa mirongo itanu na kabiri mu gihe mu kwezi kwa Nyakanga 2023, hegeranijwe abasirikare batobato ku W mirwa mikuru y'intara bari batoye ikibazo c'ukwinjira mu gisirikare , bakaba baca babajana aho bazokurikirana inyigisho zibanze mu bigo biri i Mwaro, Bururi hamwe no mu Mabanda.

Mu vyerekeye inyigisho z'ubuhinga , intwazangabo 28 z'umurwi w'indwi w'ishure rikuru ry'intwazangabo (Escem), zigizwe n'intwangabo 22 z'abarundi, 2 ziturika mu gihugu ca Kenya, 2 ziturika mu gihugu ca Uganda na 2 zo mu gihugu ca Tanzaniya zararangije inyigisho z'umwaka kw'igenekerezo rya 15 Ruheshi 2023. Umurwi ugira umunani ukaba nawo uriko urakurikirana inyigisho mur'iryo shure rikuru ry'intwazangabo kuva mu ntango z'ukwezi kwa Myandagaro 2023. Hambavu yaho, umurwi ugira umunani n'uw'icenda w'intwazangabo zitegurira kurongora amakambi n'ukurangura



*Inyigisho z'akanovera ku bagize urwego FDNB ni isoko ry'ubunyamwuga nyabwo*

imirimo itandukanye mu ma Birigade (ECBM) zarangije inyigisho uno mwaka, mu gihe umurwi ugira cumi nawo uriko urakurikirana inyigisho nkizo kuva kw'igenekerezo rya 25 Mukakaro 2023. Tubandanije nyene ku nyigisho z'ubuhinga, intwazangabo mirongo ine n'umunani z'umurwi w'umunani bararangije mu mpera z'ukwezi kwa Ruheshi 2023 inyigisho zo gutwara ama kompanyi (ECC), umurwi ugira icenda ukaba uri muri izo nyigisho nyene kuva kw'igenekerezo rya 31 Mukakaro 2023. Umurwi nawo wa 40 w'ivyegera vy'ibisongerezi mu gutwara ama peloto (40$^{e}$ session SCAP) bari nabo nyene mu nyigisho kuva mu ntango z'ukwezi kwa Ruheshi 2023 i Bururi.

Mu vyerekeye inyigisho zo kuja gukarihirizwa ubwenge mu makungu, intwazangabo zararungitswe gukarihirizwa ubwenge mu bihugu bitandukanye bisanzwe bifashanya n'Uburundi kugira bakurikirane inyigisho z'ubuhinga mu bisata bitandukanye. Muri ico gisata hakaba harabaye gukurikirana izo ntwazangabo ziri muri izo nyigisho na cane cane mu kuzironsa ibijanye n'uburyo ku gihe kugira zishobore gukurikirana ivyirwa vyazo neza. Muri kazoza naho, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, rubirekuriwe n'Umukuru w'igihugu cacu c'Uburundi, rutegekanya kwinjiza imikangara ku mirwi yose mu mwaka w' 2024. Igisata kijejwe inyigisho mu gisirikare (G7) gitegekanya kandi kwongereza igitigiri c'intwazangabo zija gukurikirana inyigisho mw'ishure rikuru ryigisha intwazangabo (Escem) , mw'ishure ryigisha intwazangabo zitegurira gutwara amakambi no gukora mu ma birigade (ECBM) hamwe no mw'ishure ry'intwazangabo ryigisha gutwara ama kompanyi (ECC). Kubandanya bahanahana abigisha bava mu bihugu vyo muri aka karere ka Afrika y'ubuseruko, EAC biri kandi mu migambi yo mu 2024 y'igisata kijejwe inyigisho (G7) mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

**Maj SERGE NGEZAHAYO**

# 2023 wabaye uwundi mwaka wo gukomeza gufashanya mu vya gisirikare

***Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Alain Tribert Mutabazi, ntiyatezuye ku ngendo yo gukomeza gufasha mu vya gisirikare mu mwaka w'2023 wose. Zaba ingendo, ukwakira abashitsi canke kurungika abasirikare gufasha kugarukana amahoro, umushikiranganji Mutabazi ntaco yasize inyuma mu gukomeza gufashanya mu vya gisirikare.***

Kubona Nyen'icubahiro Umukuru w'igihugu akaba na Kizigenza mu nzego z'ukwivuna abansi n'iż'umutekano yarashize umukono kw'igenekerezo rya 25 Nyakanga umwaka w'2023, kw'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya mu vya gisirikare no muvy'ubuhinga hagati y'Uburusiya n'Uburundi ni intambwe ikomeye mu bijanye no gufashanya hagati y'ivyo bihugu. Kandi kwabaye nko gushikana ikivi turavye umwitwarariko Umushikiranganji Mutabazi yari yarashize mu kurondera amasezerano agenga ugufashanya n'ico gihugu ca rutura gisanzwe gifashanya n'Uburundi kuva kera cane hakiri urunani rwitwa URSS. Muri iyo ntumbero yo gufashanya, Umushikiranganji Mutabazi yaraganiriye n'uwuserukira Uburusiya mu Burundi ari kumwe n'uwujejwe ugufashanya kw'Uburusiya mu vya gisirikare mu karere ka Afirika y'ubuseruko hakaba hari kuwa 11 Rusama. Yaraganiriye kandi n'icegera c'umushikiranganji w'ukwivuna abansi w'Uburusiya kuwa 16 Myandagaro mu gisagara ca Moscou aho Umushikiranganji Mutabazi yari yitavye inama yerekeye amahoro kw'isi aho mbere yashikirije ikiganiro abari bitavye inama ku aho yerekanye ko imigenderanire myiza mu vya gisirikare yubakirwa ku kwubahana no kutarengera akarimbi abandi.

Ikindi gihugu citwararitswe cane ni Turukiya. Umushikiranganji Mutabazi yarafashe akanya ko guhoza abanyaturukiya babuze ababo muri ya nyamugigima yaba kw'igenekerezo rya 6 Ruhuhuma, umwaka w'2023. Yabicishije ku wuserukira Turukiya mu Burundi aho mbere yanifurije abaharokokeye gukira bidatevye. Aho rero hari mu mubonano yamuhaye kw'igenekerezo ry'9 Ruhuhuma, umwaka w'2023. Umushikiranganji Mutabazi yaritavye kandi ihwaniro mpuzamakungu rigira 16 ku vyerekeye amahinguriro y'ibikoresho vya gisirikare ryabereye mu gisagara ca Istanbul kuva kw'igenekerezo rya 25 gushika ku rya 28 Mukakaro, umwaka w'2023. Yaboneyeho akaryo ko kuganira na mugenziwe ajejwe ukwivuna abansi muri Turukiya ku bijanye n'amasezerano y'ugufashanya mu vy'uburyo n'ibikoresho vya gisirikare.

Uwundi munyacubahiro yahawe umubonano ni uwuserukira Ingoma y'Ububirigi mu Burundi yari aje kumwereka uwugiye kurongora ugufashanya kw'Uburundi n'Ububirigi mu vya gisirikare, Koroneri Michel RACOUR. Baraganiriye kandi ku bijanye no gukomeza gufashanya mu vya gisirikare aho vyagaragaye ko Ububirigi bwiteguye gusubira gufashanya cane n'Uburundi mu vya gisirikare hamwe Uburundi bwobashikiriza ivyo bukeneye gushigikirwamwo.

Umushikiranganji Mutabazi yarahaye umubonano kandi intumwa z'Ubudagi zari zirongowe na Markus Bollmohr asanzwe ari icegera c'intumwa idasanzwe y'ico gihugu mu karere k'ibiyaga binini. Baganiriye ahanini ku bijanye n'umutekano mu buseruko bwa Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo.



*Umushikiranganji Alain Mutabazi yamenyesheje ko ukubahana ari co kizotuma ugukorera hamwe n'ibisata bijejwe umutekano* bigenda neza

### Ugushima kw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU

Abanyacubahiro batatu b'ishirahamwe mpuzamakungu ONU barahawe umubonano mu biringo bitandukanye n'Umushikiranganji Mutabazi kandi bose bakaba bari bafise ubutumwa bwo gushima ibikorwa vy'abasirikare b'Uburundi bari guhagararira amahoro mu makungu. Umuhanuzi ajejwe ivya gisirikare mu buyobozi bujejwe ibikorwa vyo guhagararira amahoro muri ONU, Jenerali Birame Diop yarakiriwe kw'igenekerezo rya 1 Ndamukiza, umwaka w'2023 aho yashikirije ko umunyamabanga mukuru wa ONU, Antonio Guterres, ashimishwa cane n'ibikorwa vy'abasirikare b'Uburundi aho bari guhagararira amahoro.

Aho kandi Umushikiranganji Mutabazi yari aherutse guha umubonano Lisa Filipetto igihe yari arongoye igisata c'ishirahamwe rya ONU kijejwe ibikoresho muri Somalia, UNSOS. Nawene yari yaje kugaragaza ko ONU ishimishwa n'ibikorwa vy'abasirikare b'Uburundi bari muri Somaliya. Uwamukoreye mu ngata, Aisa Karabo Kacyira, nawene yarashimwe ibikorwa vy'abasirikare b'Uburundi bari muri Somaliya agirako ashimira cane Uburundi bwarungitse indege za gisirikare n'abazikoresha muri Somaliya kugira zifashe mu bikorwa vyo kugarukana amahoro mu rwego rw'ingabo z'ubumwe bw'Afirika muri Somaliya (ATMIS).

### Gufashanya mu karere

Umushikiranganji Mutabazi yaritavye inama ya mbere ku bijanye n'umutekano mu biyaga mu karere k'umuryango w'ibihugu vyo muri Afirika yo hagati (CEEAC). Iyo nama yabereye i Kinshasa kw'igenekerezo rya 23 Nzero, umwaka w'2023. Yaritavye kandi inama y'urwego rujejwe amahoro n'umutekano muri Afirika yo hagati (COPAX) yabereye aho nyene i Kinshasa kw'igenekerezo rya 19 Ruhuhuma, umwaka w'2023.

Nk'uwurongoye inama y'abashikiranganji b'ukwivuna abansi mu muryango w'ibihugu vyo muri Afirika y'Ubuseruko EAC, Umushikiranganji Mutabazi yararongoye inama idasanzwe y'abashikiranganji b'ubwivuna abansi kugira bihweze ibijanye n'umutekano mu buseruko bwa Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo. Iyo nama yabereye i Bujumbura kw'igenekerezo rya 29 Rusama, umwaka w'2023. Yaranarongoye iyindi nama nk'iyo yabereye i Nairobi muri Kenya kw'igenekerezo rya 30 Myandagaro, umwaka w'2023. Ku bijanye n'amahoro mu buseruko bwa Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo nyene, Umushikiranganji Mutabazi yararongoye inana y'abashikiranganji b'ukwivuna abansi mu muryango w'ibihugu vyo mu karere ka Afirika y'ubuseruko, EAC kugira basubiremwo amasezerano agenga abasirikare w'uwo muryango bari muri Kongo. Iyo nama yahavuye yemeza ivyosubirwamwo muri ayo masezerano.

Umunyamabanga ajejwe abasirikare bama biteguye gutabara muri Afirika y'ubuseruko (EASF), Paul Kahuria Njema, yaraje mu Burundi kugira baganire ibijanye no gukinga imidugararo, ivyo navyo Umushiranganji Mutabazi akaba yashikirije ko ari ikintu gihambaye cane. Mu gukinga imidugararo rero harimwo no gutegura abasirikare kugira bashobore gukorera hamwe mu gukinga canke mu kurangiza imidugararo. Ni muri iyo ntumbero Umushikiranganji Mutabazi yitavye ibirori vyo kwugurura no gusozera umwimenyerezo wa gisirikare wabereye ahitwa i Musanze mu Rwanda kuva kw'igenekerezo rya 18 gushika ku rya 26 Ruheshi, umwaka w'2023 ukaba waraba ibihugu bihurikiye mu muryango EAC.



*Imigenderanire hagati y'Uburundi n'Uburusiya yifashe neza*

Turavye ibikorwa vyose vyavuze aho hejuru, biragaragara ko nimba ugufashanya mu vya gisirikare bihagaze neza mu Burundi, ntivyizanye ahubwo vyararondewe.

***Lt-Col PROSPER HAKIZIMANA***

# Gukingira igihugu biranasaba gukorana hagati y'abo vyega bose

***Guhera ku manama n'abanegihugu canke n'abasirikare gushika ku bikorwa vy'iterambere rusangi hatibagiwe kwereka inzira nziza urwaruka, Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Alain Tribert Mutabazi, yarerekanye ishaka ryo gukorana n'abo vyega bose kugira gukingira igihugu vyame bimeze neza.***

Kuva kw'igenekerezo rya 9 Nzero, umwaka w'2023, Umushikiranganji Mutabazi yarashikije ishaka rya Reta ryo kwegera abenegihugu kugira ibibazo boba bafise bitorerwe umuti. Muri iyo ntumbero, yarishikiye mu ntara zose aho yaganiriye n'abenegihugu harimwo n'abahoze ku rugamba hamwe rero n'abarongoye abandi mu bisata bitandukanye. Ico gikorwa mbere yarasubiriye aragikora mu kwezi kwa Ruheshi muri uyu mwaka nyene turiko Kw'igenekerezo rya 14 Nyakanga, umwaka w'2023, yifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Ntega mu guca imikobeko yo gukinga inkukura ku musozi wa Rwimbogo muri wa mugambi wa Reta witiriwe uwa kane wo gukingira ibidukikije (jeudi environnement). Aho hose yagiye afata akanya ko gutera akamo abenegihugu na cane cane urwaruka ngo bakingire ibidukikije. Umushikiranganji Mutabazi avuga ko urwaruka rufise inguvu ariko rukeneye kwerekwa uko rwozikoresha. girisirake kugira abahimirize gukora bisunga wa mugambi wo kuroranya ibikorwa n'uburyo bwabiteguriwe (PTBA). Abo mu karere ka mbere ka gisirikare bagiranye inama n'umushikiranganji kw'igenekerezo rya 4 Gitugutu akaba yarabashimiye ku ndero girikare ibaranga no ku mutekano urangwa aho bakorera. Yagiriyeko arabaha impanuro kugira babandanye bakomeza umutekano ariko kandi ko bonitwararika ibikorwa vy'iterambere nko mu gutanguza ubworozi





*Umushikiranganji Tribert Mutabazi yahamagariye urwaruka gukurana ubuntu kugira ngo bazobe indongozi nziza Uburundi bukeneye*

turasozera. Muri izo ngendo, abantu bose baragaragaje ishaka ryo gukorera hamwe kugira umutekano w'igihugu ubumbatirwe gusumba. Abahoze ku rugamba bari bafise umwitwarariko ku bijanye n'itegeko rishasha rigiye kubagenga nabone barahumurijwe kuko inyandiko zijanye no kurishira mu ngiro zigeze ku ntambwe idasubira inyuma. Umushikiranganji Mutabazi yaranashimiye abo bose bakorana neza n'abasirikare.

### Kwereka inzira nziza urwaruka n'abakora ibikorwa vy'iterambere

Umushikiranganji Mutabazi yaratanguje kw'igenekerezo rya 5 Nzero, umwaka w'2023, isarura ry'ibigori ku mahegitari 50 mu mwaba wa Nyaruteke muri Tangara, aho abenegihugu barimiye hamwe amatongo yabo. Yaboneyeho akaryo ko kwumviriza iryo abenegihugu bagona harimwo urwaruka rwidoga ko rutaronka akazi. Yarabibukije ko ubu tugeze aho umuntu yironderera akazi na cane cane biciye mu makoperative kuko yoyo arashobora no gusahirizwa na Reta canke abandi bafasha mw'iterambere. kubera ko ata terambere rishoboka ibidukikije bidakingiwe, Umushikiranganji Mutabazi yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Ruhororo mu ntara ya Ngozi mu gutera imivyaro y'imikaratusi irenga ibihumbi icenda (9000) ku musozi wa Gitamo, aho hakaba hari kw'igenekerezo rya 5 Nzero, umwaka w'2023.

Ni muri iyo ntumbero, kw'igenekerezo rya 17 Nyakanga, yishikiye gushigikira urwaruka rwo muri komine Muha aho imirwi ya INTWARI Jesus na Football Burundi International bariko bakina urukino rwa nyuma rw'ihiganwa ry'umupira w'amaguru. Yaboneyeho akaryo ko kubaha impanuro ngo bazokurane iteka gurtyo bazobe indongozi nziza z'Uburundi muri kazoza. Urundi rwaruka, rukaba ari urwo mw'ishule kaminuza ya gisirikare, ISCAM aho yari yitavye ibirori vyo kwugurura umwaka mushasha w'ivyigwa kw'igenekerezo rya 26 Rusama, Umushikiranganji Mutabazi yahamagariye abitegurira kuzoba intwazangabo gukunda igihugu n'umutima wose no kugikorera batiziganya ku neza y'abanegihugu bose.

### Intwaro ibereye no gufasha abari mu ngorane

Kugira ivyaranguwe mu bushikiranganji bimenyekane hose, Umushikiranganji Mutabazi yagiye arashikiriza ivyaranguwe uko amezi atatu arangiye muri uyu mwaka turiko turasozera w'2023. Aha rero ni ukuvuga ibice bibiri vya nyuma vy'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta w'2022 ushira uw'2023 hamwe rero n'ibice bibiri vya mbere vy'umwaka w'ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta w'2023 ushira uw'2024. Yaragirishije kandi amanama atandukanye n'abarongoye abandi mu budasaba uburyo bwinshi nk'ubw'inkwavu.

Hambavu y'intwaro ibereye, Umushikiranganji Mutabazi aritwararika ineza y'abenegihugu na cane cane mu kwifadikanya n'abakeneye gushigikirwa. Akarorero ni aho yagendeye umuryango wari mu bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge aho wari wibarukiye rimwe abana batandatu. Abo rero yarabashikirije agafashanyo kagizwe n'ibifungurwa n'utundi dukoresho twa nkenerwa k'amafaranga y'amarundi angana imiriyoni zibiri (2000 000 Fbu). Yaragendeye kandi abamugariye ku rugamba baba mu kigo co ku Mpanda mu ntara ya Bubanza kw'igenekerezo rya 4 Gitugutu. Yarumvirije ivyo bamutuye vyose kandi yemera ko agiye kuvyihweza neza agirako arashimira abakora imigambi yo guteza imbere imiryango yabo aca atera akamo abandi ngo babafatireko akarorero. Hejuru y'ivyo, kw'igekerezo rya 20 Rusama, yarifadikanije n'abanegihugu bo muri Komine Busoni mu bikorwa vy'iteranbere rusangi aho bari baramutse begeranya amabuye yo kwubaka ishure ryisumbuye rya Komine riri ahitwa Mukerwa.

Vyumvikane neza ko ivyo bikorwa vyose Umushikiranganji Mutabazi abikorana n'abarongoye abandi mu gisirikare.

**Lt-Col PROSPER HAKIZIMANA**

# Ubutwari bwabo buva ku myimenyerezo n'ugushigikirwa

*Abasirikare b'abarundi , aho barungitswe hose, barashimwa kubera ubutwari bwabo, inyifato ibereye hamwe n'umutima w'ugukunda igihugu. Uko gushimagizwa rero bikaba atari ivyizana. Ivyo babikesha ugushigikirwa hamwe n'imyimenyerezo bidahengeshanya kuronswa abo basirikare babifashijwemwo n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.*

Muri uyu mwaka urangiye, umutekano wagumye wifashe neza muri rusangi kubutaka bwose bw'igihugu. Amakambi agize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yararanguye ibikorwa vyafashije mu gucungera umutekano w'imbibe z'igihugu mu buryo bushimitse hamwe n'uw'igihugu cose muri rusangi. Kugira ubwo butumwa bw'iteka buranguke neza, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarateguye imyimenyerezo itandukanye ifasha abasirikare bagize inzego zitandukanye.



*Ugukoresha ikarata ya gisirikare kugira ngo babone neza iyo baja*

### Ihiganwa rya gisirikare n'ugusiganwa kw'abanonotsi

Ku civugo kivuga giti «Inyigisho n'imyimenyerezo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ni inkingi y'ubunyamwuga kuri urwo rwego, kugira rurangure neza ubutumwa bwarwo», urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, rubicishije ku gisata kijejwe inyigisho, imyimenyerezo hamwe n'ibikorwa vya gisirikare, rwaratunganije ihiganwa ry'igisirikare ryitabiriwe n'imigwi yose igize urwo rwego. Iryo higanwa rya gisirikare rikaba ryabereye i Gitega mu kwezi kwa Rusama 2023 aho ryamaze iminsi itanu. Ubuhinga bw'ukwiyunguruza mu karere batamenyereye, guca mu mitego, guca ku migozi, ubuhinga bw'ugutwara uwakomeretse, gusiganwa ku birometero cumi n'indwi ufise umuzigo hamwe n'umwimenyerezo wo kurasa batumbereza, nivyo vyari bigize iryo higanwa. Mu gihe c'iyugururwa ry'iryo higanwa, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Jenerari Prime Niyongabo, yamenyesheje ko ihiganwa ben'iryo ritegurwa mu ntumbero yo kwigisha abasirikare ubuhinga n'ukubaronsa ubumenyi butandukanye kugira ngo umuntu wese ari muri urwo rwego ashobore gukorana ubunyamwuga igikorwa ciwe. Mu mpera y'iryo higanwa, akarere ka kabiri ka gisirikare niko kabaye aka mbere gakurikiwe na Brigade ijejwe gukingira inzego z'igihugu (BSPI). Umurwi w'amakambi akoresha ibirwanisho vya ruremeshangabo nawo ukaba wafashe ikibanza ca gatatu.

Biciye mur'ico gisata nyene kijejwe imyimenyerezo, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarateguye kandi ihiganwa ry'abanonotsi ryabereye ku kibuga OLYMPAFRICA kiri i Nyabugete mu gisagara ca Bujumbura. Iryo higanwa ry'abanonotsi ryabaye mu kwezi kwa Ndamukiza 2023 ku civugo : «Ukwinonora imitsi mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi, ni inkingi y'ukwongereza ubushobozi bw'umubiri hamwe n'ukunga ubumwe kugira bashobore kurangurana ishaka umwuga wa gisirikare». Mu myimenyerezo yari yateguwe muri iryo higanwa, harimwo ugusiganwa banyaruka, gutera ibiro biremereye, ijavelo, idisiki, gusimba urukiramende, n'ibindi. Ihiganwa rirangiye, uwurongoye igisata kijejwe inyigisho, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare, Général de Brigade Télesphore Baranderека, yaremeje ko iryo higanwa ryerekanye ko abasirikare bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bafise ubushobozi ngororamubiri bwifashe neza.

### Imyimenyerezo itandukanye yarakozwe

Mu gihe ubwihevyi bubandanya gutikiza inganda mu bihugu bitandukanye, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruguma rugavye mu ntumbero yo gukingira Uburundi ivyo vyaduka. Rubicishije mu gisata kijejwe igendereza, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarateguye imyimenyerezo yo gukinga no gushushanya ben'ivyo bitero vy'abihevyi. Igisata c'ingabo zigwanira ku butaka carateguye imyimenyerezo ku nzego nyobozi z'ama Brigade (CPX Brigade) mu turere tune twa gisirikare mu ntumbero yo gusuzuma urugero rw'integuro zikorwa n'ibiro bikuru bigize ama Brigade y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi. Mur'urwo rukurikirane nyene, mu ntumbero yo kwongereza ubuhinga bwo gukora ibikorwa vy'abagize ibiro bikuru, intwazangabo zo ku rwego rukuru 54 zaritabiriye uruganda rwo kuzinagura kubijanye n'ubuhinga bw'ugufata ingingo ibereye mu bikorwa vya gisirikare hamwe n'ugusuzuma ubuhinga bw'ukwiyunguruza mu karere zitamenyereye hamwe rero n'ugutegura ikibuga c'ikibumbano gishushanya urubuga rw'ingwano zikongera zikagisigura.



*Imyimenyerezo ya gisirikare itunganywa kugira ngo baronse ubumenyi butandukanye abasirikare bubafasha kurangura neza imirimo bajejwe*

Mu nteguro ya kazoza, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rutegekanya gushigikira na ntaryo mu kwongerereza ubushobozi abasirikare kugira ngo bashobore kugwanya bivuye inyuma umwansi yoza ahungabanya ubwigenge bw'igihugu.

**Lt-Col GAHONGANO EMMANUEL**

# Imigenderanire mu bijanye n'ukwivuna abansi yagenze neza cane

***Ugutezimbere imigenderanire mu bijanye na gisirikare hagati y'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi n'ibindi bisirikare bigeze ku rwego rushimishije.***

Imigenderanire mu bijanye n'ivyo kwivuna abansi irashimishije muri uno mwaka wa 2023. Ivyo bigaragarira ku bashitsi bakiriwe , amasezerano yateweko imikono, hamwe n'amanama menshi yatunganijwe mu gihugu. Mu ntumbero yo kubungabunga imigenderanire myiza hagati y'ibisirikare vyo mu bihugu bigenzi vy'Uburundi, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarakiriye abanyeshure




*Indongozi zitandukanye mu gisirikare zararongoye amanama atandukanye ku rwego rw'akarere*

bo mu mashure makuru ya gisirikare bavuye mu gihugu c'Ubuganda no mu gihugu ca Nijeriya. Aho hari kw'igenekerezo rya 3 gushika ku rya 9 Ndamukiza 2023 hamwe no kuva kw'igenekerezo rya 30 Ndamukiza gushika ku rya 7 Rusama 2023. Urwego rw'Ukwivuna abansi rwarakiriye kandi umurwi w'abasirikare b'abahinga bavuye mu gihugu c'Uburusiya ku wa 25 Munyonyo 2023. Uretse abagendeye urwo rwego,



*Amanama y'abakuru b'ingabo z'ibihugu bihurikiye muri EAC yarashimikiye cane ku vyerekeye umutekano w'igihugu ca Congo*

harabaye kugendera ibindi bihugu. Aha twovuga nk'urugendo umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yagize mu gihugu ca Tanzaniya aho yari yitavye ubutumire bwa mugenzi we kuva kw'itariki ya 12 gushika kuya 14 Kigarama 2023.

### Amasezerano yo gufashanya muvyo kwivuna umwansi yarasinywe

Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarashizeho ibijanye n'amategeko mWZu vyo kwivuna abansi hamwe n'ibihugu bigenzi mu gushirako imikono ku masezerano yumvikanyweko. Aha twovuga amasezerano yo gufashanya yasinywe hagati y'Uburundi hamwe n'igihugu c'Ubwongereza ku wa 20 Ndamukiza 2023. Ayo masezerano akaba yerekana neza ingene ibisirikare vy'ivyo bihugu bizohora bija biravugana ibikenewe muri uko gufashanya. Amasezerano yo gufashanya hagati y'Uburundi n'igihugu ca Repubulika iharanira intwaro rusangi ya Kongo akaba yarasinywe kw'igenekerezo rya 05 Ntwarante 2023, eka n'ayandi menshi.

### Amanama menshi yatunganijwe mu gihugu

Muri uno mwaka, urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rwaratunganije inama nyinshi mu gihugu, nyinshi muri zo zikaba zari izo kurabira hamwe ingene umutekano wifashe mu buseruko bw'igihugu ca Repubulika iharanira intwaro rusangi ya Kongo.Harabaye n'inama zibiri z'abakuru b'ibihugu bigize umuryango w'akarere ka Afurika y'ubuseruko , EAC nazo nyene zikaba zatangurirwa n'amanama yahuza abahinga muvya gisirikare, abarongoye ibisirikare hamwe n'inama y'abashikiranganji bajejwe kwivuna abansi

### Imigambi yo muri kazoza

Mu ntumbero yo guteza imbere imigenderanire mu vyo kwivuna abansi, urwego FDNB rurifuza kuzohinyanyura amasezerano yataye igihe. Hariho n'umugambi wo gushiraho ibibanza vy'abahanuzi mu vya gisirikare mu buserukizi bw'Uburundi mu bihugu vy'Ubuhindi na Repubulika iharanira intwaro rusangi ya Kongo.

Maj JMV NININAHAZWE

# Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruraterera biboneka mw'iterambere ry'igihugu

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , hambavu y'ubutumwa nyamukuru rujejwe , rubicishije mu gisata kijejwe ububiko n'ibikoresho (G4) rwararanguye mur'uno mwaka w'2023 ibikorwa bitari bike vyerekeye uburimyi, ubworozi hamwe n'inyubako eka mbere n'ibindi. Ivyo bikaba vyaranguwe hisunzwe rya hangiro rya Reta y'Uburundi ivugako « Uburundi buzoba bwifashe muri 2040 hama bukazoba buteye imbere mu 2060 ».*

Hisunzwe ingingo ya 17 iri mw'ibwirizwa No 1/21 ryo ku wa 27 Ruheshi 2020, iyo ngingo iravuga ko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwunganira mw'iterambere ry'igihugu mu bikorwa binini binini vyerekeye ineza ya bose, ivy'ukugwiza umwimbu n'ivy'ugutanga inyigisho zo gukunda igihugu. Nico gituma urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwitavye akamo ka Reta y'Uburundi gahamagarira uwari wese muri kino gihugu gukura amaboko mu mpuzu agakora atiziganya kugira dushobore kugwiza umwimbu muri kino gihugu cacu c'Uburundi.

Ku vyerekeye ubworozi, Major Nizigiyimana ibibuguru vy'ingurube mirongo itanu. Abarongoye ayo mashiramwe twayaze, bakaba bashimira cane bimwe bivuye ku mutima urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kubona rwarabafashije mu kwiteza imbere.

Ku vyerekeye uburimyi, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwaritanze kugira rushobore kunagura igitegwa ncabukamazi c'ikawa . Riyetena Koroneri Cimpaye Augustin ajejwe gukurikirana ico gitegwa mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi amenyesha ko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rufise hegitari z'ikawa mirongo itanu n'umunani (58Ha ) mu Kayanza, hegitari icumi mu gisata c'inyubako, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruriko rurubaka inzu y'igorofa i Gitega izohora yakira ingezi ikazoba afise ivyumba mirongo itandatu. Ibikorwa bikaba biriko birabandanya kandi bigenda neza.

Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurabandanya kandi kwagura ikigo co kwivuniramwo akanyota (Mess des Officiers de la garnison de Bujumbura). Ikigo giteguye neza aho abasirikare n'imiryango yabo, eka mbere n'abenegihugu bashobora kuhidagadurira. Nkuko bimenyeshwa n'uwurongoye ico kigo, Riyetena Koroneri Niyonkuru Roger, ngo ico kigo kiratuma abasirikare



Igisirikare c'Uburundi kirorora ibitungwa bitandukanye

Vincent ajejwe gukurikirana ivy'ubworozi mu gisirikare atumenyesha yuko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rufise ibiraro bibiri ku Mutukura mu Ntara ya Cankuzo, ikiraro kimwe c'inka z'ikizungu (race frisonne) zishika mirongo itatu hamwe n'ikindi kiraro kirimwo inka z'indundi na zitanu (15Ha) mw'i Rango, hegitari icumi na zine (14Ha) ziri ku Mutukura mu ntara ya Cankuzo hamwe na hegitare zitandatu (6ha ) aho bita ku Bibara muri komine Mutumba mu ntara ya Karusi.

Mu vyerekeye inyubako naho nyene harakozwe n'imiryango yabo bahivunira akanyota ku biciro bitavuna. Si ivyo gusa ngw'abasirikare n'imiryango yabo eka mbere n'abenegihugu ngo barahagirira imanza zitandukanye. Yarongeyeko ati, abakozi 100 bararonkejwe akazi kubera kwagurwa rw'ico kigo.



Urwego FDNB mu bikorwa vyo kunagura igiterwa c'ikawa

(race locale ) zishika mirongo ibiri na zitandatu. Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurakora kandi ubworozi bw'ingurube mw'ikambi yo ku Muzinda ( Ingurube 138 ) hamwe no mw'ikambi y'i Nyanza Lac (ingurube 129 ). Hambavu y'aho , urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarafashe mu mugongo ya mashirahamwe (coopératives) ahurikiyemwo urwaruka rugomba kwiteza imbere, mu gihe ruba rutashoboye kurangiza amashure canke rukaba rwayaciriye hagati. Ayo mashirahamwe akaba ari ane ariyo: ishirahamwe ryo mu Kanyosha mu Ntara ya Bujumbura, iryo mu Giheta mu Ntara ya Gitega, ishirahamwe ry'i Bugarama mu Ntara ya Muramvya hamwe n'iry'i Butaganzwa mu Kayanza. Ishirahamwe ryose rikaba ryaronswa ibitari bike. Aha twovuga amahinguriro abiri ahingura amakara y'ikizungu (Briquettes) afasha gutegura imfungurwa z'abasirikare. Ayo mahinguriro, rimwe rikaba ryubatswe ku Muzinda, irindi i Gitega. Nkuko bimenyeshwa n'uwujejwe gukurikirana ayo mahinguriro, Riyetena Koroneri Ntamarerero Jean ngw'ayo mahinguriro abiri akora neza kandi umwimbu urashimishije. Amenyesha kandi ko n'ihinguriro rigira gatatu ririko rirubakwa mu Kayogoro mu ntara Makamba. Kubw'iwe ngo ni iteka ku gisirikare, eka mbere no ku gihugu c'Uburundi. Ati: « Akarusho ni kanini cane, ubwa mbre uravye uburyo bwahora bukoresha mu kugura ibizuku mw'ishirahamwe ONATOUR, kandi n'ibidukije ubu birakingiwe.» Tubandanije Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruriko rurasanura kandi Birigade ijejwe kubungabunga imodoka n'ibikoresho vya gisirikare. Ihangiro ry'iyo Birigade nk'uko bimenyeshwa n'uwuyirongoye ngo n'ukubaka aho bazokorera imiduga bisunze inyubako zigezweho gurtyo iyo Birigade ikazoshobora gukora imodoka zose z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, eka mbere n'iza Reta.

***Maj SERGE NGEZAHAYO***

# Ivyaranguwe inyuma y'ikiringo c'amezi icumi n'abiri birashimishije

*Inyuma y'umwaka wose iri mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somaliya, ikontenja y'Uburundi ya ATMIS yararanguye ibikorwa bishimishije. Kuva irungitswe muri ubwo butumwa kw'igenekerezo rya 24 Munyonyo umwaka w'i 2022, iyo kontenja yararanguye ibikorwa bitari bike mu bisata bitandukanye: nko mu gisata gikurikirana ivyo gutunganya ibikorwa vya gisirikare, igisata gikurikirana ivya nkenerwa mu gisirikare, ikijejwe imigenderanire, igisata kijejwe inyigisho hamwe n'ikijejwe imigenderanire y'abasirikare n'abanyagihugu.*

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro amategeko ngenderwako y'ibikorwa vya giririkare kuva mu mwaka w'i 2022 gushika mu mwaka w'i 2024, umugambi wa Reta mfatakibanza ya Somaliya n'integuro y'ibikorwa igenga umwaka w'i 2022-2023 y'ikontenja y'Uburundi ya ATMIS, iyo kontenja yaranguye ibikorwa bishimishije. Inyuma y'umwaka, iri muri ubwo butumwa, umutekano mu karere ka gatanu iyo kontenja ikoreramwo wari wifashe neza ariko rimwe na rimwe ukaba mahindagu nk'uko vyamenyeshejwe n'uwuyirongoye, Jenerari-Major Jean Claude Niyiburana.



Indongozi z'igisirikare c'Uburundi ziraremesha zikanatera intege ingabo ziri mu butumwa bw'amahoro

### Igisata c'ibikorwa vya gisirikare

Inyuma y'umwaka iyo Kontenja iri mu butumwa, ibitari bike vyararanguwe nk'uko uwuyirongoye Jenerari-Major Jean Claude Niyiburana yabimenyesheje. Yavuze ati: «Mu vyaranguwe, harimwo gusubiza abasirikare ba Reta ya Somaliya ibirindiro bitandatu, gusubiza abasirikare gukorera ku kirindiro ca Xawadrey, kugombora ama batayo ya 65 na 66, gufasha mu gikorwa co gutuza umwansi mu karere ka Califordhere, gusubiramwo kwubaka ikirindiro c'ububiko bw'ibikoresho vya Kontenja c'i Balcaad hamwe n'igabanywa ry'abasirikare mu kiringo ca mbere hamwe n'ica kabiri.»

Yamenyesheje ko ibikorwa vyose vyari vyashizwe imbere n'ikontenja vyaranguwe hisunzwe umugambi mfatakibanza wa Reta ya Somaliya, hamwe n'Amategeko ngenderwako y'ibikorwa vya giririkare yo kuva mu mwaka w'i 2022 gushika mu mwaka w'i 2024, amategeko ngenderwako y'ubwo butumwa hamwe n'ingingo ya 2628, iya 2670 hamwe n'iya 2687 z'akanama kajejwe amahoro n'umutekano mu muryango mpuzamakungu ONU.

Jenerari-Major Niyiburana Jean Claude yamenyesheje ko ivyo vyose vyateguwe kandi bigashirwa mu ngiro ata ngorane zibaye bivuye kugukorana neza n'impande zose zegwa n'ivyo bikorwa.Yavuze ati :«Ugusubiza ibirindiro vya Maslah, Cadale, Biocadale, Mirtiigo, Ajixcali na Ragaceel vyatumye hasubira gutunganya gushasha ikirindiro c'ubushinguro bukuru bw'ibikoresho ca Balcaad. Urwo rwubako hamwe n'ukwimurirayo ibikoresho vya nkenerwa vy'ikontenja y'Uburundi bikaba vyatwaye umwanya muremure biturutse ku bukene bw'ibikoresho bimwe bimwe hamwe n'amabarabara ata meze neza.» Iyo ndongozi yarerekanye kandi ko uburungozi bukuru bwa ATMIS n'ubw'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bwagize ingendo zitari nke kugira zikurikirane ukubaho neza kw'abasirikare; kimwe mu vya nkenerwa nyamukuru kugira ubutumwa bahawe buranguke neza.Twomenyesha ko icungerwa ry'ikiraro c'i Xawadrey cafashije mu kubuza uruja n'uruza rw'intagondwa za Al-Shabaab ziva mu burengero zija mu buraruko bwa Somaliya.

Ibindi bikorwa vyaranguwe mu gisata c'ibikorwa vya gisirikare, Jenerari-Major Niyiburana Jean Claude yaravuze ibikorwa vy'ugukizura mu ntumbero yo kugenzura akarere n'ugutuza umwansi, ukwugurura n'ugucungera amabarabara makuru makuru hamwe n'ugucungera inzego za Reta ya Hirshabelle. Yaranadondaguye ingendo zakozwe ku birindiro bitandukanye biri mu karere ka gatanu mu kwezi kwa Ntwarante n'ukwa Gitugutu mu mwaka w'i 2023 mu ntumbero yo kuganira n'abasirikare, kubatera intege no kubafasha kugira umutima rugabo ku rugamba.

### Igisata c'imigenderanire

Mu gisata c'imigenderanire, ikontenja y'Uburundi ya ATMIS yaragendewe n'abategetsi batari bake nk'Umukuru w'igihugu ca Reta ya Hirshabelle, Abdullah Hussein Guudlawe, umuserukizi adasanzwe w'umunyamabanga mukuru



Indongozi za Somaliya zirashima ibikorwa vy'ikontenja y'Uburundi mu rwego ATMIS

w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu gihugu ca Somalia, Catriona Laing, umuserukizi adasanzwe w'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika muri Somalia, Souef Mohamed El-Amine, hamwe n'icegera c'umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe Mpuzamakungu ONU muri Somaliya akaba anarongoye ibiro vy'ishirahamwe mpuzamakungu ONU bijejwe gushigikira ATMIS, Aisa Kirabo Kacyira, n'abandi.

Umukuru wa Reta ya Hirshabelle, Abdullah Hussein Guudlawe yarashimye bivuye ku mutima uburongozi bw'ikontenja ya 15 y'abarundi ku ruhara rudasanzwe bugira mu gucungera abategetsi ba Reta yiwe hamwe n'ibibanza bikuru bikuru biri muri ako karere . Abo bategetsi bose baje mu ntumbero y'urugendo rw'akazi kugira ngo batere intege abasirikare mbere bibonere n'ibikorwa bimaze kurangurwa, eka banibonere n'ibitegekanywa kurangugwa muri kazoza hisunzwe amategeko ya none agenga ibikorwa vya gisirikare muri ATMIS.

### Igisata c'inyigisho

Mu ntumbero yo kugira abasirikare b'Uburundi babe rurangiranwa igisata kijejwe inyigisho za gisirikare, imyimenyereza n'ibikorwa vy'igisirikare, ubuyobozi bubijejwe bwaratunganije inyigisho zitangwa n'abarongoye Kontenja y'Uburndi canke abasanzwe bayifasha zaba izabereye mu gihugu ca Somaliya mbere no hanze yaco ku neza y'abasirikare b'ikontenja y'Uburundi.

Izo nyigisho zikaba zari nk'iz'umugwi w'abasirikare babangutse nserukarukamvye bakingira abarongozi bakuru hamwe n'inyigisho zerekeye gusaka no gukizura amabarabara mu ntumbero yo guhangana n'imitego y'ibisasu biturika bikoreshwa cane n'intagondwa za Al-Shabaab n'imyimenyerezo yo kwikanga umwansi mu ntumbero yo kwimenyereza guhangana n'ibitero vyoza giturumbuka ku birindiro bitandukanye.

### Igisata c'imigenderanire y'abasirikare n'abanyagihugu

Mu gisata c'imigenderanire y'abasirikare n'abanyagi, uwurongoye ico gisata mw'i Kontenja ya 15 Liyetena koroneri Ncamumurirwo Beda yamenyesheje ko ibikorwa bitari bike vyaranguye ku birindiro nka vyose vy'akarere ka gatanu. Twovuga nk'ugutanga amazi meza ku banyagihugu, gufasha mu bijanye no kuvura abo banyagihugu hamwe n'ibikorwa vy'utwigoro ku banyagihugu bakenye kurusha abandi mu bisagara bito bito no mw'ikambi y'impunzi ya Towfik.

Mu kurangiza, amasezerano ya 2628 na 2670 y'Inama mpuzamakungu ijejwe kwubahiriza amahoro n'umutekano kw'isi ategekanya igabanywa ry'abasirikare ba ATMIS no kugwiza abasirikare b'igihugu ca Somaliya vyatumye hagabanywa abasirikare 650 mu kiringo ca mbere hamwe n'abasirikare 734 mu kiringo kigira kabiri ku ruhande rw'ikontenja y'Uburundi ya ATMIS bikaba vyatumye ibirindiro vyishi bisubizwa abasirikare b'igihugu ca Somalia imbere y'igenekerezo rya 31 Kigarama mu mwaka w'i 2023.

***Maj NDAYISABA ROGER***

# Ivyaranguwe n'abasirikare b'abarundi b'ibatayo y'8 mu rwego Minusca birashimishije

*Gukingira abenegihugu ba Centrafrika, gukingira abakozi b'urwego mpuzamakungu bakorera muri centrafrika (Minusca) hamwe n'ibikorwa vyo guherekeza ibikoresho vy'iryo shirahamwe ni vyo bikorwa nyamukuru abasirikare b'abarundi barangura mu butumwa barimwo mu gihugu ca Centrafrika. Abo basirikare barafasha kandi abenegihugu mu bikorwa bitandukanye babicishije mu gisata kijejwe imigenderanire hagati yabo hamwe n'abasangwa.*

Ibatayo igira umunani y' abasirikare b'abarundi mu butumwa bwo kubungabunga amahoro n'umutekano mu gihugu ca Centrafrika, barujuje amezi 12 muri ico gihugu. Ubutumwa bwabo kukaba ari gufasha mu gushira mu ngiro ibikorwa ishirahamwe mpuzamakungu ONU ririko rirangurira muri ico gihugu mu rwego rwaryo Minusca. Muri ico kiringo bamaze muri ico gihugu, mu ntumbero yo gucungera n'ugutsimbataza amahoro n'umutekano w'abenegihugu ba Centrafrika, bararanguye ibikorwa vyo gukizura ijoro n'umurango. Lieutenant-colonel Mbonyiyeze Jean Pierre arongoye iyo batayo, amenyesha ko bashoboye gukizura incuro zirenga 8000 mu karere ajejwe. Nk'uko abandanya abishikiriza, bararanguye n'ibokorwa vyo guherekeza abakozi n'ibikoresho bitandukanye vy'ishirahamwe Mpuzamakungu ONU, aha agashikiriza ko ibikorwa nk'ivyo bashoboye kubikora incuro zirenga 200.



*Abasirikare b'abarundi bo mu rwego rwa Minusca barajwe ishinga no kubungabunga umutekano wa Centrafrika*

**Ubufasha butandukanye ku benegihugu b'abasangwa**

Muvyo kandi baranguye, abasirikare b'abarundi, b'ibatayo igira umunani mu gikorwa co kubungabunga amahoro muri Centrafrika, baraserutse ku benegihugu b'abasangwa babicishije mu gisata kijejwe imigenderanire y'abo hamwe n'abasangwa. Nk'uko bishikirizwa na Major Ndabicura Onésime ajejwe ico gisata muri iyo batayo, mu gihe c'ici, abo basirikare barashoboye kuronsa amazi meza imiryango irenga 200 mu burere bwa Sibut, Galafondo n'i Damara aho amazi yari yakamye mu mariba yaho. Ngo baranaronkeje ibikoresho vy'ishure n'ivy'isuku abanyeshure ba ntahonikora b'i Sibut hamwe n'ab'i Nd'joukou.

Mu ntumbero y'imigambi y'ukwiteza imbere, Lieutenant-colonel Mbonyiyeze amenyesha ko bafashije abenegihugu bahurikiye mw' ishirahamwe LONDOMBILONDO bo mu kigwati ca Kangamotema ya mbere iri ku birometero 10 uvuye i Sibut mu mugambi wo kugwiza imbuto y'ibiyoba birobanuye. Abakenyezi 20 nabo harimwo 15 bagendana ubumuga bakaba bararonkejwe ubumenyi bujanye n'ukudesa ku mashuka hamwe n'ukujisha udutambara, batanu bandi nabo bakaba ari abazobandanya bigisha abandi.

Bafadikanije n'abajejwe kwaka ibigwanisho, ugusubiza mu buzima busanzwe abahoze mu migwi yahora igwana, abasirikare b'ibatayo y'8 kandi barafashije mu gusanura ibiraro 3 biri kw'ibarabara rya Galabadja-Lisara muri sous-prefecture ya Ndjoukou ku birometero birenga 140 uvuye i Sibut. Bafadikanije n'abajejwe igisata c'abasivile muri Munisca naho, abo basirikare barafashije mu bikorwa vyo gusanura inyubakwa izokoreramwo abaporisi i Dekoa. Muri kino gihe kandi bakaba bariko barafasha mu bikorwa vyo gusanura ikiraro kiri i Guiffa i Dekoa hamwe n'ic'i Galafondo.

Mu gisata c'amagara y'abantu, ba ntahonikora bo mu kigwati ca Bemba i Dekoa barashoboye kuvurwa ku buntu n'abo basirikare. Abo basirikare kandi bakaba baranaronkeje imiti ivuriro ry'akarere ka Dekoa kugira babandanye bavura ku buntu abafise amikoro make.



*Ingabo z'Uburundi mu rwego Minusca zarambitswe imidari kubera ibikorwa vy'iteka zaranguye*

Mu ntumbero yo kubandanya batsimbataza imigenderanire myiza n'abasangwa, hambavu yo gutemberera abo basangwa, abo basirikare barateguye inkino zabahuza n' abo benegihugu hamwe n'abajejwe umutekano bo muri ico gihugu.

**Umwimbu ushimishije**

Nk'ikimenyetso co kubakeza ku bikorwa vyo kubungabunga amahoro bashoboye kurangurira abenegihugu ba Centrafrika, abasirikare b'ibatayo y'8 barambitswe imidari. Muri ivyo birori, Lieutenant-Général Humphrey Nyone asanzwe muri iki gihe arongoye abasirikare b'urwego rwa Minusca yashikirije ko kwambika imidari abo basirikare ari ikimenyetso co kubakeza no kubakengurukira ku ruhara rwabo bagize mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro n'umutekano muri Centrafrika. Yaramenyesheje ko naho bahura n'ingorane zitandukanye, abasirikare b'iyo batayo bashoboye kurangurana ubutwari nk'abanyamwuga babushitse ibikorwa vyose vy'ubutumwa bwa Minusaca. Ati, mu karere bajejwe, abasirikare b'aburundi barashoboye gucungera neza cane umutekano w'abenegihugu, hamwe n'uruja n'uruza rw'abantu n'ivyabo ku mabarabara.

Lydie Georgette Gahoro arongoye intara ya Kemo nawe nyene arashima cane ivyaranguwe n'abo basirikare mu ntara yiwe arongoye. Ati, abenegihugu ndongoye baranezerejwe kandi barakenguruka cane ibikorwa abasirikare b'itayo y'8 babakoreye. Yongera ati, ukwo gukenguruka gufatira ku kwitanga batiziganya bitangira abavukanyi babo b'abanyagihugu ba Centrafrika kugira amahoro, umubano mwiza n'ugufatana mu nda bitsimbatare nk'uko vyibonekeza muri iki gihe mu ntara ya Kemo. Uwo arongoye iyo ntara akamenyesha kandi ko abo basirikare b'abarundi batigeze bahengeshanya na rimwe kwitaba akamo baterwa n'abenegihugu igihe cose babakenera.

Ibatayo igira 8 yashitse mu gihugu ca Centrafrika kuva kw'igenekerezo rya 28 Munyonyo umwaka w'2022. Akarere abasirikare b'abarundi bajejwe ubu kakaba kagizwe n'intara yose ya Kemo, agace ko mu ntara ya Ombela M'poko muri sous-prefecture ya Damara, hamwe n'agace ko mu ntara ya Ouaka, muri sous- prefecture ya Grimari.

***Maj ANATOLE CIZA***

# Ugutegura imigambi ni nkenerwa mw'itunganywa ryiza ry'ibikorwa

*Rubicishije mu gisata kijejwe gutegura imigambi,urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwaratunganije muri uyu mwaka inganda z'inyigisho zifatiye ku gutegura imigambi,ukuyikurikirana bifatanije n'ugusuzuma ibiriko birarangurwa hamwe n'ikoreshwa ry'uburyo rifatiye ku musaruro wabonetse. Izo nyigisho zaronkejwe intwazangabo zikorera mu bisata bitandukanye. Izindi ntwazangabo zarakurikiranye ibijanye n'ubuhinga bw'ugutororokanya,ugukora n'ugusuzuma amakuru y'ivyo gufatirako mu gutunganya imigambi.*

Kugira urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi urunyamwuga rubushitse bica mu nzira nyishi. Muri zo harimwo kwigisha abaruhurikiyemwo ivyerekeye ibisabwa mu gutegura imigambi,gutororokanya no gusuzuma ibisabwa. Kumenya neza ivyo bisabwa bituma urwo rwego rutegura imigambi ibereye, rukayitegekaniriza uburyo bukwiye; gutyo rukabona kuronka umusaruro





« Gukora ntibihagije, igihambaye n'ukumenya ko ibiba vyakoze bihwanye n'ivyategerezwa gukorwa »

wari witezwe.

**Kwitwararika umugenzo wo gutegura imigambi**

Mu gihe Reta y'Uburundi yashizeho ubuhinga bwo gutanga uburyo buhuye n'imigambi yategekanijwe, bukaba impinduka mu kubungabunga amatungo rusangi, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwafashe nkama uwo mugambi kugira rwisunge uwo mugenzo mwiza.

Kugira rubishikeko, urwo rwego rwarongerereje ubumenyi abarongoye ibiro bitandukanye n'abarongoye ibisata vyo mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku bijanye n'ugukurikirana bifatanije n'ugusuzuma ibiriko birarangurwa n'ikoreshwa ry'uburyo rifatiye ku musaruro wabonetse, hamwe n'ikoranabuhinga rijanye n'ugutegura imigambi.

Izindi ntwazangabo zakurikiranye izo nyigisho ni iziheruka gusozera inyigisho z'ishure rikuru ryigisha intwazangabo nkuru (ESCEM) mu murwi ugira indwi w'iryo shure hamwe n'iz'umurwi w'i 9 w'ishure rya gisirikare ryigisha intwazangabo nkuru ziga ivyo kurongora amabatayo no gukorera mu biro bikuru.

Ku mvo yuko abo bahejeje inyigisho mw'ayo mashure baca barungikwa gukorera mu ma diviziyo canke mu ma birigade y'abasirikare barwanira hasi, amakambi yose y'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi n'ibisata vyo mu biro bikuru vy'urwo rwego birafise n'imiburiburi intwazangabo imwe ifise ubumenyi buhanitse mu bijanye no gutegura imigambi.

Igihe c'iyugururwa ry'uruganda rw'abarongoye ama biro rwabaye mu kwezi kwa Mukakaro umwaka w'i 2023, icegera c'uwurongoye igisata kijejwe gutegura imigambi mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Koroneri Cyriaque Manirakiza yamenyesheje ko urwo rwego rutegerezwa gushimikira k'ugutegura imigambi n'ihangiro ryayo biciye mu mategeko atunganijwe cane cane nk'Umugambi w'iterambere ry'igihugu, itegeko rigenga urwego rw'ukwivuna



*Abaronkejwe inyigisho basabwa gutegura imigambi neza kugira bazokoreshe neza amafaranga ya Reta*

abansi rw'Uburundi, hamwe n'umugambi w'Uburundi wo kuzoba ari igihugu cifashe mu mwaka w'i 2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'i 2060.

Mu gihe hariko haraba isozera ry'urwo ruganda rw'inyigisho, uwurongoye igisata kijejwe gutegura imigambi mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Koroneri Pascal Bankuwabo yarakeje abari basozereye izo nyigisho.

Yabahamagariye gukoresha ubumenyi barahuye kugira bateze imbere ubuhinga bwo gutegura imigambi mu biro bajejwe, gutora ingorane zo nyazo, kurondera umuti wazo, gutunganya indinganizo z'ibikorwa hamwe no gushiraho igicapo ca Gantt mu ntumbero yo guterera umugambi w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu buryo bwiharije eka n'uwigihugu muri rusangi.

Yamenyesheje ati: «Gukora ntibihagije, igihambaye n'ukumenya ko ibiriko birakorwa bihuye n'ivyategerezwa gukorwa mu ntumbero nziza y'ibiciro n'ubuziranenge ».

**Gutororokanya no gusuzuma ivyankenerwa mu gutegura imigambi**

Ukwegerana kw'ibikenewe vyizewe mu gutegura umugambi bifise akamaro kadasanzwe mu gutegura imigambi. Gutunganya no gusuzuma ivyankenerwa mu kurangura imigambi bituma urwo rwego ruronka amakuru yizewe, rukabona utunenge dukwiye gutorerwa inyishu bigatuma rwitegurira hakiri kare ibizoba muri kazoza.

Ni muri iyo ntumbero uyu mwaka intwazangabo icumi na zitatu zo mu bisata bitandukanye vy'urwego rw'ukwivuna abansi zakurikiranye inyigisho zijanye n'ubuhinga bw'ugutororokanya, gukora n'ugusuzuma ivya nkenerwa mu gutegura imigambi. Ugukoresha ubumenyi baronkejwe bizotuma urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rw'iha amahangiro asobanutse, rushobore gusuzuma ibimaze gukorwa, eka n'ugukuraho utunenge twiboneke je.

Kubw'umwanditsi w'umunyamerika Spencer Jonhson «Ikintu conyene kiduha icizere ko kazoza kazoba keza gusumba kubu si ukwitega itombora, ahubwo ni ukugategura».

***Lt-Col EMMANUEL GAHONGANO***

# Ingabo z'Uburundi za EACRF zaranguye ibikorwa bishimishije mu butumwa zahoramwo

*Kuva bashitse ku rubuga kw'igenekerezo rya 5 Ntwarante 2023, asirikare b'Uburundi bari barungitswe mu Ntara ya Kivu ya ruguru (Nord-Kivu) mu rwego rw'ingabo z'umuryango wa Afrika y'Ubuseruko, EACRF-DRC baritanze batiziganya mu kurangura neza ubutumwa bwabo bwo gukingira abanyagihugu n'ivyabo mu turere bari bacungereye. Ivyo bikaba vyerekanwa n'ibikorwa bitandukanye izo ngabo zashoboye kurangura mu kiringo cose zamaze muri ubwo butumwa buherutse kurangira muri uku kwezi kwa Kigarama 2023.*

Haraheze ikiringo kirenga imyaka mirongo ibiri akarere k'Ubuseruko bwa Republika haranira Intwaro rusangi ya Congo (RDC) gasugerejwe n'imigwi myinshi y'abagwanyi, yaba iyo mu gihugu hagati eka mbere n'iyamuka hanze y'igihugu, muri iyo hakaba harimwo Umuhari wa M23 canke “Mouvement du 23 Mars” mu rurimi rw'Igifransa. Mu ntumbero yo kurondera umuti w'ico kibazo gisanzwe gihanze Reta ya Congo mbere n'ibihugu vyose vyo mu karere bidasigaye inyuma, haratunganijwe amanama atandukanye y'abakuru b'ibihugu bihurikiye mu Muryango w'Afrika y'Ubuseruko, EAC kugirango barabire hamwe icokorwa ngo umutekano usubire kugaruka muri ako karere. Abakuru b'ibihugu bose baciye bafata ingingo ko habaho ingabo z'akarere k'Afrika y'Ubuseruko (EACRF) maze zikarungikwa mu buseruko bwa Congo mu Ntara za Sud-Kivu, Nord-Kivu, Ituri na Haut-Uele.



Ingabo z'Uburundi za EACRF zararanguye ubutumwa zari zijejwe muri Congo

Ariko, bitumwe n'uko ako karere ari kanini cane bikunyurwa kandi n'uko Intara ya Nord-Kivu ari yo yari ibangamiwe cane gusumba mu zindi Ntara, abakuru b'inzego zo kwivuna abansi mu bihugu bihurikiye muri EAC, mu nama igira Gatanu yabereye mu gisagara ca Nairobi kuwa 9 Ruhuhuma 2023, basavye ko akarere k'ingabo za EACRF kotunganywa ukundi gushasha maze izo ngabo zikarungikwa zose muri Nord-Kivu gusa. Ni naco catumye ingabo z'Uburundi, aho kuja muri Sud-Kivu, zaciye zihindurirwa akarere, maze zica zirungikwa muri Nord-Kivu mu karere ka Masisi.

**Ibikorwa vy'izo ngabo vyarashimwe cane ku rubuga**

Kuva bashitse mu karere bari bajejwe gucungera, abasirikare b'abarundi bari mu ngabo za EACRF barerekanye vy'akarorero ko ari ba bitumwako. Ibikorwa baranguye ntawutobishima. Nk'uko vyashikirijwe n'uwahora arongoye izo ngabo z'Uburundi za EACRF, Koroneri Baranyikwa Ildephonse, bimwe muri bikuru bikuru baranguye hariho ibijanye n'ukwugurura umuhora wa Saké-Kilolirwe-Kitchanga-Mweso, gufasha no kugaruza amatungo y'abanyagihugu iyo yibwe n'imigwi y'abambuzi, kugarukira ku banyagihugu mu gihe baba batewe n'abagwanyi canke ubundi bugizi bwa nabi, n'ibindi bikorwa vyiza bitari bike izo ngabo zashoboye kurangura.

Kubera ivyo bikorwa vy'iteka, ikontenja y'ingabo z'Uburundi za EACRF yarashimiwe cane n'abatari bake, baba abenegihugu n'indongozi za RDC, tutibagiye n'indongozi za gisirikare mu nzego zitandukanye. Nk'akarorero ka mbere, Umukuru w'igihugu ca Congo, Felix Tshisekedi mu kiganiro yagirishije abamenyeshamakuru kuwa 9 Rusama 2023 aho yari mu rugendo I Botswana, yaramenyesheje ko Reta ya Congo ishimishwa n'ibikorwa vy'ingabo z'Uburundi zari mu butumwa bw'amahoro muri EACRF mu buseruko bw'ico gihugu. Akandi karorero, uwahora arongoye ingabo za EACRF, Général-Major Aphaxard Kiugu, mu ngendo zitandukanye yagize mu karere k'ingabo z'Uburundi, yama na ntaryo azikengurukira ku butwari n'umwitwarariko wazo na cane cane mu gukingira abanyagihugu n'ivyabo. Ati, “Mwakoze ibikorwa bihambaye kandi bihimbaye. Abanyagihugu ba Congo bazokwama bibuka amateka yanyu kubw'ibikorwa biteye igomwe mwabakoreye igihe mwari muri ubu butumwa.” Uko niko yama ababwira.



Gukingira abenegihugu n'ivyabo nico cari kiraje ishinga abasirikare b'Uburundi mu rwego EACRF

**Mu butumwa bahuye n'intambamyi zitari nke**

N'ubwo bitanze batiziganya, vyose ntivyagiye vyera ngo de. Abasirikare b'Uburundi b'urwego EACRF bagiye bahura n'intambamyi zitandukanye ku rubuga mbere zikaba zarahatswe cane kuburizamwo utwigoro bari bashoboye gushikako. Aha twovuga ibijanye no kutubahiriza guhagarika intambara (cessez-le-feu) ku migwi yose y'abitwaje ibigwanisho, ukugaruka kwa M23 mu turere yari yavuyemwo igihe ingabo za EACRF zashika mu butumwa, iyongerekana ry'ibikorwa vy'intambara mu turere dutandukanye, imvugo hamwe n'amarangamutima acafuza ingabo za EACRF, ibitigiri birenze vy'abataye iz'abo bagahunga , mbere bakisanga mu buzima bugoye cane, n'izindi ntambamyi zitari nke.

**Inzego zitandukanye zoja hamwe kugira hatorwe umuti urama**

N'ubwo intambamyi zitabaye nke, ingabo z'Uburundi zahora mu butumwa bw'amahoro mu rwego rwa EACRF zirashimishwa n'umwimbu w'ibikorwa zashoboye kurangura mu kugarukana amahoro n'umutekano mu buseruko bwa Congo. Kugira ngo rero haboneke umuti urama w'ikibazo c'umutekano muke urangwa muri ako karere, n'uko inzego zitandukanye duherey kuri Reta ya Congo, imigwi canke amashirahamwe atandukanye ku rwego rw'igihugu, mu karere no ku rwego mpuzamakungu yoja hamwe atawigize sindabibazwa maze bagaheza bagafata ingingo zo guhamagarira imigwi yose igwana guhagarika ibikorwa vyose vy'intambara nk'uko vyumvikanyweko mu masezerano y'i Nairobi na Arusha ajanye n'iki kibazo kiri mu buseruko bwa Congo.

Mwomenya yuko nk'uko vyashikirijwe mw'itangazo ryasohotse inyuma y'Inama y'abakuru b'ibihugu vy'umuryango wa EAC yabereye I Arusha kuwa 24 Munyonyo 2023, hategekanijwe ko ingabo za EACRF zizosimburwa ku rubuga n'iz'Umuryango w'Iterambere w'Afrika y'Ubumanuko, Communauté de Développement de l'Afrique Australe, SADC mu gifransa, igihugu ca RDC kikaba kiri mu bihugu bigize uwo muryango.

***Capt NZAMBIMANA NORBERT***

# CECADM ku kivi kugira ngo yorohereze abanywanyi

*Ishirahamwe ry'ukuziganya, ukuguranana n'ukwiteza imbere kw'ababasirikare, CECADM ryaranguye ibikorwa bitari bike muri uyu mwaka w'2023 mu ntumbero yo kworohereza abanywanyi baryo. Uwahoze ari Umuyobozi mukuru wa CECADM yamenyesheje ko ku mwaka ku mwaka akarusho bama basarura kama kangana hafi y'imiriyaridi zitatu z'amafaranga y'amarundi.*

Ishirahamwe CECADM ryashinzwe mu mwaka w'2007 kugira ngo abanywanyi baryo bakeneye amafaranga bayaronke bitagoranye. Ni mu ntumbero kandi yo kunagura imibereho n'ukwitezimbere



*Uwahora arongoye CECADM, Koroneri Bigirimana Nestor yarakorewe mu ngata na Riyetena-Koroneri Iradukunda Jean Marie*

kw'abanywanyi baryo.CECADM itanga inguzane ku banywanyi bafise umugambi mwiza wo kwitezimbere, eka mbere n'umunywanyi wese iyo ayakeneye




*Icifuzo c'ishirahamwe CECADM ni ugutunganiriza abanywanyi baryo*

amafaranga akaba afise n'ico agomba kuyakoresha bwite.

**Ubutunzi bwa CECADM bwifashe gute?**

Mu nama ya bose y'abanywanyi baserukiye abandi yabaye kw'igenekerezo rya 24 Ntwarante 2023, Uwahoze ai umuyobozi mukuru w'ishirahamwe CECZDM, Koroneri Bigirimana Nestor yamenyesheje ko akarusho k'umwaka w'2022 gashimishije. Ako karusho kakaba kangana n'amafaranga y'amarundi angana n'2 983 794 367. Ati: « Amafranga y'abanywanyi angana n'amafaranga y'amarundi 44 316 986 547. Iruhande y'ivyo, ingurane ingana n'55 568 404 462, hamwe rero n'inyubako zifise igiciro c'amafaranga y'amarundi angana n'15 271 362 414. Ivyo biharuro bikaba bishimishije ». Inama ya bose ikaba yashinze ko ako karusho kabonetse kazokoreshwa mu ntegabizoza ry'ishirahamwe, integabizoza itegekanywa n'ibanki nkuru y'igihugu BRB, ayandi akaba azokoreshwa mu vyategekanijwe mu nyigisho, mu bikorwa rusangi, hamwe n'agashirukabute k'abakozi ba CECADM.

**Ishirahamwe CECADM n'ubuhinga bwa none**

Uwo yahora arongoye Ishirahamwe CECADM yamenyesheje kandi ko iryo shirahamwe mu ntango ryashira imbere urudandazwa rw'amafaranga ku banywanyi baryo kugira ngo rishobore gukora neza kandi ryunguka, ariko ubu rigeze ku rwego rushimishije. Yagize ati, «Ni naco gituma ubu dutunganiriza neza abanywanyi bacu». Yarongeye ati; «Nzonezererwa cane mu gihe umusirikare aho ariko arakorera hose haba kure canke hafi, mu gihugu canke hanze y'igihugu, ashoboye kubikura n'ukurunginka amafaranga yiwe ari kuri konte yiwe akoresheje agaterefone kiwe ngendanwa », nk'uko yabanganije abishimangira.

**Ivyo bategekanya kuzorangura**

Koroneri Bigirimana Remy yamenyesheje ko bategekanya kwigisha abanywanyi, abakozi ba CECADM hamwe n'abakorera mu bisata nyobozi. Yongerako ko Ishirahamwe CECADM ritegekanya kwubaka mu ntara ya Gitega ishure ry'akarorero mu gihugu mbere no mu karere. Aho rizokubakwa hangana n'ihegitari zitandatu, hakaba haramaze kugurwa.

***Capt ALICE NGENZEBUHORO***

# Abahoze ku rugamba barakurikiranwa n'Ubushikiranganji bubajejwe

*Umwe mu mirimo y'ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba (MDNAC) werekeye gutegura uko bwokwegera cane, eka mbere bukanakurikirana abahoze ku rugamba mu kubasubiza neza mu buzima busanzwe. Ubwo bushikiranganji bukaba bwaramaze gutegura itegeko rigenga abahoze ku rugamba ryimirije kuja ahabona mu kiringo ca vuba ribanje guca mu nama nshikiranganji.*

Nk'uko bishikirizwa n'umushiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Ir Mutabazi Alain Tribert, abahoze ku rugamba bari mu mirwi ibiri: Umurwi wa mbere ugizwe n'abagendana ubumuga bwaturutse ku ntambara, umurwi wa bijanye n'ubuhinga hamwe n'uburyo.

Ku bijanye n'integuro y'ishirwa mu ngiro ry'itegeko ry'Umukuru w'igihugu rigenga abahoze ku rugamba, Ir Mutabazi Alain Tribert amenyesha ko integuro igeze ku ntambwe ishimishije, ati vuba iryo tegeko amakoperative yashinzwe n'abo bahoze ku rugamba. Ubwo bushikiranganji bukaba buzobandanya kwitaho amagara yabo mu kubaronsa ivyankenerwa vyose cane cane abafise ubumuga bukomeye bw'umubiri.

Kugira ibikorwa bigende neza, ubuyobozi



*Umushikiranganji wo kwivuna abansi yama yishikira ku rubuga kugira yakire ibibazo vy'abahoze ku rugamba*

kabiri nawo ukaba ugizwe n'abahoze ku rugamba ariko ata bumuga bafise. Muvyo ubwo bushikiranganji bufasha abahoze ku rugamba bagendana ubumuga, harimwo kubashigikira kubijanye n'amagara yabo, mu kubavuza canke mu kubaronsa ibikoresho bibafasha cane cane abatakaje ibihimba bimwe bimwe vy'umubiri, n'abandi babifise ariko bitagikora neza.Aha twovuga nko kubaronsa insimburangingo (prothèses) mu kinyamuzuru, intebe bagenderamwo (chaises roulantes), udukoni dufasha abatabona (cannes), inkoni bagenderako (béquilles), n'ibindi. Ku bahoze ku rugamba batagira ubumuga, ubushikiranganji bubafasha mu bikorwa vyo kwiteza imbere hamwe no guteza imbere imiryango yabo. Muri iyo ntumbero, ubwo bushikiranganji bwarafashije mw'itunganywa ry'amakoperative hamwe no kuyakurikirana, burongera burafata mu mugongo abatunganije imigambi mu rizoja ahabona. Ku biteze iryo tegeko, Ir Mutabazi Alain Tribert amenyesha ko ririmwo uturusho tudasanzwe, akavuga cane cane abahoze ku rugamba ariko bataciye mu gisirikare ca Reta bagasubizwa mu buzima busanzwe n'umugambi wa DDR mu vyo ujejwe harimwo gusubiza mu buzima busanzwe abahoze ku rugamba. Abo nabo ngo bazoheza baronswe agashahara nka kurya abahoze mu gisirikare ca Reta bakaronswa. Ikindi, iryo tegeko rizotuma abahoze ku rugamba baronswa uburusho iyo bageze mu myaka y'akaruhuko k'izabukuru.

Mu migambi ya kazoza ku bahoze ku rugamba, Ir Mutabazi Alain Tribert amenyesha ko ubushikiranganji ajejwe buzobandanya gukarihiriza ubwenge abahoze ku rugamba mu bijanye no gutegura imigambi, bubahimiriza kwiga imyuga, gushiraho amakoperative, bwongere bufate mu mugongo bujejwe abahoze ku rugamba bukukira ubushikiranganji bufise ihangiro ryo kugendura ibikorwa vy'abafasha abahoze ku rugamba. Ubwo buyobozi burafasha kandi mu guhimiriza abahoze ku rugamba, mu kubategura no kubegeraniriza hamwe mu bikorwa bizana inyungu, hanyuma bugahimiriza abahoze ku rugamba kuba intumwa z'amahoro no kugunda igihugu.

Imigambi itanga inyungu imaze kujaho ni nk'amakoperative yo kworora amafi, amakoperative yo kworora inka n' ingurube. Harashinzwe kandi amakoperative y'uburimyi hamwe n'amazu yo kudandarizamwo imiti y'ibitungwa.

***Maj HERMAN BAZIRUTWABO***

# Inyigisho ni umushinge mu kurangura neza igikorwa co kugarukana amahoro

*Kuva mu 2007 Uburundi buhamagariwe kuja kugarukana amahoro, harashizweho ikigo kijejwe inyigisho zijanye no kugarukana amahoro ku Mudubugu kugira cigishe congere gitegure abasirikare bagenywe ngo baje muri ivyo bikorwa.*

Ibikorwa vy'abasirikare b'abarundi bagiye kugarukana amahoro haba muri Somaliya, muri Centrafrike n'ahandi birashimwa bivanye n'inyigisho zitandukanye baronswa mu gihe baba bariko bitegurira kuja mu butumwa bwo kugarukana amahoro. Izo amenyesha ko izo nyigisho zitangwa hisunzwe ubwoko bw'ibikorwa bazorangura muri ubwo butumwa. Arongerako akamenyesha ko iyo abasirikare batahutse baronswa izindi nyigisho zibafasha kugumana akarangamutima no kumenyera ibikorwa vya misi yose narirya mu



*Inyigisho zo kwiga kurasa ni ntasubirizwa ku basirikare bitegurira kuja mu butumwa bw'amahoro*

nyigisho zirabaha ubumenyi n'ubuhinga bibafasha kurangura neza ubutumwa bwo kugarukana amahoro. Ivyo navyo bihesha iteka abasirikare ku giti cabo,igisirikare c,Uburundi hamwe n,igihugu muri rusangi.

gihe baba bari mu butumwa bahakura vyinshi n'imico n'ibikorwa bitandukanye n'ivyo bari bamenyereye.

Mu gihe c'inyigisho, abasirikare bararonswa ubutumwa, imico yaco hamwe n'inkomoko y'intambara iri muri ico gihugu.

Inyigisho zirangiye, abasirikare barakora imyimenyerezo yo gushira mu ngiro ivyo bigishijwe kugira barabe ko batahuye ivyo bigishijwe.

Hambavu y'igikorwa nyamukuru co kwigisha abasirikare bitegurira kuja kugarukana amahoro, ikigo kijejwe inyigisho zo kugarukana amahoro caritavye akamo k'Umukuru w'igihugu ko guterera umuganda mu mugambi w'iterambere ry'igihugu. Muri ico gisata, ico kigo caratanguye ibikorwa vy'uburimyi n'ubworozi bw'inkwavu, kikaba kiriko citegurira ubworozi bw'amafi hamwe n'ibikorwa bijanye.

Ikigo kijejwe inyigisho zo kugarukana amahoro kiraterera kandi agacumu ku bumwe mu gukingira ibidukikije na cane cane mu matongo yaco mu gutera ivyamwa nk'imyembe, imicungwe, imitagafero n'ibindi. Ivyo navyo bikazofasha mu gufungurira abasirikare mu misi iri imbere.

Ico kigo co kugarukana amahoro co ku Mudubugu kirafise abagifata mu mugongo. Aha twovuga ikigo co kugarukira ku mbabare, CICR kikaba carafashije mu gutunganya



*Inyigisho ku basirikare bari mu kurungikwa mu butumwa bw'amahoro zirabafasha kurangura neza ubwo butumwa iyo bagezeyo*

Kubw'uwurongoye ikigo kijejwe inyigisho zo kugarukana amahoro Koroneri Rupereza Leonidas,igikorwa nyamukuru c'ico kigo ni gutegura no gutanga inyigisho ziba zitegekanirijwe abasirikare bitegurira kuja kugarukana amahoro. Uwo arongoye ico kigo ubuhinga ku giti c'umwe umwe no gukorera mu migwi, ingene bikingira, ingene bakingira abanyagihugu, ingene bagwanya umwansi, hamwe n'ingene bokwigenza mu gihe bari mu butumwa. Abasirikare bararonswa kandi inkuru zijanye n'igihugu bazoja kuranguriramwo inyubakwa yo gusomeramwo (bibliothèque) muri ico kigo.

***Lt-Col CÔME NDAYIRAGIJE***

# « Ivyo bari barategekanije kurangura vyaranguwe ku bice birenga 95 kw'ijana »

*Sentare z'igisirikare n'ubushikirizamanza bukukira izo sentare baranguye ibikorwa bitari bike mu mwaka w'2023 bisunze integuro y'ibikorwa n'uburyo butegekanijwe mu ntumbero y'ugutsimbataza indero ya gisirikare. Ibikorwa vyategekanijwe kurangura bikaba vyaranguwe ku bice birenga 95 kw'ijana.*




*Sentare nkuru ya gisirikare zaratunganije inyigisho ku banditsi b'imanza n'abanyamabanga b'ama paraki kugira bazorangure neza ibikorwa vyabo*

Sentare z'igisirikare zikurikirana uko zisumbasumbana zikaba zigizwe na sentare nkuru ya gisirikare hamwe na sentare ya gisirikare. Mu ntumbero y'ugutsimbataza indero nziza ya gisirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Umukuru wa Sentare nkuru ya gisirikare Koroneri Hatungimana Sylvain yamenyesheje abacamanza ko baburanishije abasirikare bikekwako icaha mu turere twa gisirikare twose no ku cicaro ca sentare z'igisirikare. Ibikorwa vyaranguwe ni ugushika hagati mu gihugu kuburanisha abasirikare bikekwako icaha, harabaye isasa ry'imanza 42 ku cicaro ca sentare z'igisirikare hamwe n'imanza icenda zo mu ntahe yo mu mwiherero. Umukuru wa Sentare nkuru ya gisirikare yabandanije amenyesha ko batunganije inyigisho zo kwigisha amategeko mpanavyaha ya gisirikare, amategeko agenga ingo n'imiryango hamwe n'ububasha bwama Sentare ya gisirikare. Mu ntumbero y'ugukarihiriza ubwenge abakorera mu butungane bwa gisirikare, Koroneri Hatungimana Sylvain amenyesha kandi ko bigishije abanditsi b'imanza n'abanyamabanga bama paraki ya gisirikare.

**Ubutumwa bwa paraki nkuru ya gisirikare ni ugukurikirana abasirikare bagigwa n'ivyaha**

Mu bijanye na paraki nkuru ya gisirikare, uwurongoye iparaki nkuru ya gisirikare Koroneri Hakorimana Désiré yamenyesheje ko ubutumwa nyamukuru bw'ama paraki ari ugukurikirana abagigwa n'ivyaha. Ni uwuserukira Reta mu gisirikare akaba yakira akongera akihweza neza ibirego n'ivyagiriji vy'abarenganijwe canke bahohotewe. Mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ubushikirizamanza bukukira sentare z'igisirikare zigizwe na paraki nkuru ya gisirikare na paraki ya gisirikare. Paraki ya gisirikare ifise ububasha bwo gutohoza ama dosiye y'abasirikare bo kw'ipete ry'umusoda mutoya gushika kw'ipete rya Kapitene ariko Paraki nkuru ya gisirikare itohoza ama dosiye y'intwazangabo kuva kw'ipete rya Majoro gushika kw'ipete rya Koroneri.

Mu guheraheza amatohoza y'urubanza, urubanza rurashobora guherera mu rwego rw'abashikirizamanza rutarinze gushikirizwa Sentare ku mvo nyamukuru zikurikira: ko basanze ata caha cakozwe, ikurikiranwa ry'ico caha ryataye igihe, canke bidakenewe ko icaha gikurikiranwa, n'ibindi. Irashobora kurungikwa muri Sentare ya gisirikare canke muri Sentare nkuru ya gisirikare baravye ipete ry'uwuriko akorwako amatohoza. Paraki nkuru ya gisirikare irakurikirana intwazangabo ziba ziriko zirakorwako amatohoza n'umushikirizamanza hamwe n'ibikorwa vy'inyamiramabi za gisirikare. Ku vyerekeye ama dosiye ari muri Sentare ya gisirikare no muri Sentare nkuru ya gisirikare, hategerezwa kuba umushikirizamanza aserukira Reta mu gihe c'iburanishwa.

**Barashimishwa nivyo baranguye**

Umushikirizamanza mukuru mu gisirikare Koroneri Hakorimana Désiré arongoye paraki nkuru ya gisirikare yamenyesheje ko paraki nkuru ya gisirikare yaranguye ibikorwa bitari bike mu mwaka w'2023. Aha twovuga ibikorwa vyo gushika mu ntara zo hagati, gutohoza ama dosiye ataraburanishwa, ugusuzuma amazu apfungiwemwo abasirikare, kugenzura ibikorwa birangurwa n'inyamiramabi za gisirikare hamwe n'uguserukira Reta muri Sentare yo mu mw'iherero. Iruhande yivyo, abashikirizamanza barakiriye bongera baratunganiriza ababuranyi bangana n'1673. Yaritabiriye kandi amanama yose yatunganijwe n'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi hamwe n'inama zabereye mu gihugu ca Tanzaniya, Uganda na Afrika y'epfo.

***Maj ALICE NGENZEBUHORO***

# Ugukingira ibidukikije kuraraje ishinga ubushikiranganji bujejwe kwivuna abansi

***Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Ir Mutabazi Alain Tribert yarifadikanije n'abanyagihugu bo muri Komine ya Ntega mu Ntara ya Kirundo mu bikorwa vyo guca imikobeko ikingira inkukura. Ivyo vyabaye kw'igenekerezo rya 14 Nyakanga 2023.***



*Kubw'umushikiranganji wo kwivuna abansi, ngo ntivyoroshe kwivuna umwansi mu gihe ibidukikije bidakingiwe neza*

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro umugambi wa Reta y'Uburundi bise «Umunsi wa kane wahariwe ibidukikije» , abanyagihugu bo muri Komine ya Ntega barakoze igikorwa co guca imikobeko ku musozi wa Rwimbogo kw'igenekerezo rya 14 Nyakanga 2023. Ivyo bikorwa bikaba vyari vyatewe iteka n'umushikiraganji ajejwe kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Ir Alain Tribert Mutabazi. Muri ico gikorwa akaba yari yaherekejwe n'intwazangabo nkuru zavuye mu bushikiranganji hamwe n'abasirikare bakorera imirimo mu karere ka gatatu ka gisirikare. Mw'ijambo ryiwe, umushikiranganji Alain Tribert Mutabazi amenyesheje ko yishikiye kuri uwo musozi kugira akore igikorwa co gukingira ibidukikije. Yamenyesheje kandi ko ukwivuna umwansi bitogenda neza mugihe ibidukijije bidakingiwe neza ari naco gituma n'abasirikare bategerezwa guterera muri uwo mugambi. Umushikiranganji Alain Tribert Mutabazi yabandanije amenyesha ko Reta y'Uburundi ishira inguvu zidasanzwe kuri iyo ntara kuko yama yahuye n'ivyago vy'ihindagurika ry'ibihe imyaka myinshi.

### Urwaruka rwahamagariwe kwijukira ibikorwa vyo kwiteza imbere

Muri ivyo bikorwa, umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba yaboneyeho n'akaryo ko gutumirira urwaruka kwironderera ivyo rukora batarindiriye kuzohabwa akazi na Reta. Yabamenyesheje ko imigambi mito mito ijanye n'uburimyi n'ubworozi na cane ubw'inkwavu bishobora kubafasha kwiteza imbere. Umushikiranganji yabahanuye kuvavanura no kwirigwa mu marigara ataco bariko barakora, aca abahamagarira kwama bafasha abavyeyi babo mu bikorwa vyo kwiteza imbere.

### Abajejwe intwaro barashima intererano y'abasirikare mu gukungira ibidukikije.

Umuhanuzi mukuru mu biro vya buramatari w'intara ya Kirundo, Nduwayezu Eric yarashimiye umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba kuri ako gacumu k'ubumwe yabatereye mu gukingira ibidukikije. Yarashimye kandi intererano y'abasirikare barangurira akazi kabo mu ntara ya Kirundo haba mu mugambi wa « Ewe Burundi Urambaye » canke ibindi bikorwa vyo gukungira ibidukikije. Ico gikorwa co guca imikobeko kikaba cabereye mu mirima y'abanyagihugu iri mw'ihegitari 9 zirenga bagiye hamwe ari imiryango ishika 100 kugira ngo baduze umwimbu.

***Maj JMV NININAHAZWE***

# Igisata c'ubwibutsamana mu gisirikare kiri ku kivi mu vy'imitima y'abasirikare

*Ubwibutsamana ni kimwe mu bisata bigize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi citaho ibijanye no kubungabunga imitima y'abasirikare n'imiryango yabo, ivyo bigaheza bikunganira abasirikare mu kugendera akarangamutima k'igisirikare bamurikiwe n'ijambo ry'Imana.*

Mu gushika ku ntumbero bihaye, igisata c'ubwibutsamana mu gisirikare cisunga igisabisho. Ico gisabisho naco giherekezwa n'ibikorwa bifadika nk'uko handitsweko ukwemera kutagira ibikorwa kuba gupfuye. Nk'uko bimenyeshwa n'umwibutsamana mukuru hari vyinshi bisamaza urwaruka.

Iruhande y'ivyo bikorwa vyitwa vya minsi yose, igisata c'ubwibutsamana mu gisirikare carabandanije n'ibikorwa vy'inyubako kugira abasirikare n'imiryango yabo eka mbere n'abandi bose

Ku vyerekeye ibikorwa vya kazoza, ngo bashira inguvu ku gikorwa bamaze gutangu co kwubaka inzu y'inama n'ibindi bikorwa kuri paruwasi y'igisirikare i Bujumbura yitiriwe Kirisu Umwami. Bazobandanya kandi n'umugambi w'uko hokubakwa amasengero no mu bindi bice vy'igihugu nk'i Gitega, mu Mabanda hamwe n'i



*Umukuru w'igihugu yarifatanije n'abakristu b'abakatolika mu kiringo c'ukwitegurira Pasika*

mu gisirikare, Patiri Kamuntu Fulgence, mu bikorwa nyamukuru baranguye uno mwaka, barabandanije igikorwa co gufasha abasirikare n'imiryango yabo mu kubaho nk'abana b'Imana koko biciye mu nyigisho z'Ijambo ry'Imana no mu gutanga amasakaramentu. Mu makambi atandukanye hamwe no mu bigo vy'inyigisho, ibisabisho vyo gukengurukira Imana vyarabandanije. Mu karere ka Bujumbura naho, umunsi mukuru w'isakaramentu usanzwe uhuza abasirikare n'abapolisi waratunganijwe kandi ugenda neza cane. Igisata c'ubwibutsamana gifadikanije n'umuryango w'abasirikare b'abakristu mu Burundi (CMCB), waratunganije inyigisho zitari nke ku basirikare b'imirwi yose uhereye ku ntwazangabo, ibisongerezi n'abasirikare bato. Baratunganije kandi n'ibisabisho rusangi bihuza abo mu madini yose bavyipfuza.

Nk'uko muri kino gihe mu miryango myinshi hibonekeza amatati n'ukutumvikana, ubwibutsamana bwaratunganije inyigisho zitandukanye zerekeye ingo n'imiryango. Mu ntumbero yo gufasha urwaruka, ico gisata carafashije kandi urwaruka rwari mu buruhuko mu kubakurikirana no kubigisha bongera barakurikirana n'urwaruka ruri mu mihari ya katolika na cane cane ko muri kino gihe babagendera bashobore kuronka ibibanza vyiza vyo gusengeramwo. Kubw'ivyo, amasengero atari make yari amaze iminsi ariko arubakwa yarasozerewe yongera arinjirwa icese muri uyu mwaka. Aha twovuga urusengero rwo ku Mutukura, i Muyinga, mu Rumonge no mu Kayanza aho bubatse



*Abibutsamana mu gisirikare bararonkejwe inyigisho nyongerezabumenyi*

urusengero hamwe n'amazu y'amanama. Igisata c'ubwibutsamana giherutse kurungika kandi abasirikare bane bagiye kw'ishure ry'abamenyeshamana i Mutumba kugira bazoze kwunganira ibikorwa muri ico gisata c'ubwibutsamana babifitiye ubumenyi buhagije.

Bujumbura ku ruhande rw'ayandi mashengero atari aya Katorika.

Muri ivyo bikorwa vyose bashitseko, uwurongoye igisata c'ubwibutsamana mu gisirikare, Patiri Kamuntu Fulgence arashimira abarongoye igisirikare ingene babashigikira bakanaborohereza mu bikorwa vyabo vya minsi yose kubw'icubahiro c'Imana no ku neza y'abasirikare n'imiryango yabo hamwe n'abandi bose babakikuje.

**Capt NTAKARUTIMANA RUTH**

# Igisata c'amagara y'abantu mu gisirikare hamwe n'ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge birashimishwa n'ivyo baranguye

*Amagara y'abasirikare n'imiryango yabo ni kimwe mu biraza ishinga urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi. Ni muri iyo ntumbero igisata c'amagara y'abantu citanga kitiziganya kugira bashimishe ivyipfuzo vy'abasirikare ku bijanye n'amagara yabo.*

Igisata c'amagara y'abantu mu gisirikare gifise intumbero yo gufasha kuvura abasirikare, kubafasha mu bijanye n'amagara yo mu mutwe, gutunganya ibijanye n'imiti hamwe n'ivyo kwivuza ku basirikare n'imiryango yabo. Basubije amaso inyuma kuvyo bashitseko muri uno mwaka, ngo ivyo baranguye birashimishije nk'uko bimenyeshwa n'uwurongoye igisata c'amagara y'abantu mu gisikare c'Uburundi, Lieutenant-Colonel Désiré Nizigama.




*Igisata c'amagara y'abantu muri FDNB gifise ihangiro ryo kurondera ineza y'abasirikare n'imiryango yabo*

### Ivyaranguwe birashimishije mu gisata c'amagara y'abantu

Nk'uko Lieutenant-Colonel Désiré Nizigama abimenyesha, ngo ico gisata carabandanije gushigikira mu bikorwa vya minsi yose haba ibikorwa vyo kugarukana amahoro mu karere, muri Somariya no muri Centrafrika. Muri rusangi, ico gisata kikaba gifasha abari mu butumwa butandukanye mu kubaronsa ububiko bw'imiti, kubaronsa ibikoresho vy'isuku hamwe no gufasha abashobora kugira ingorane zifatiye ku mibereho. Kirafasha kandi mu bijanye n'ibipimo n'incanco ku bitegurira kuja mu bikorwa vyo kugarukana amahoro. Muri uno mwaka, abasirikare n'imiryango yabo barabandanije gufashwa ku bijanye no kuvuzwa no kuronswa impapuro zo kwivuriza ku bindi bitaro bisanzwe bikorana n'ico gisata mu gihe bafise ingwara canke ibipimo bidakorwa ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge.

Igisata c'amagara y'abantu caratunganije kandi inyigisho ku baganga n'abaforoma kugira babandanye bakira neza bongere baronse ababitura ivyo bipfuza. Ico gisata caritabiriye kandi amanama mpuzamukungu haba ayo mu karere ndetse no bindi bihugu.

Ku ruhande rw'ibikorwa vya kazoza, bagiye kubandanya bashigikira ibikorwa vy'ibindi bigo vy'ubuvuzi vy'igisirikare biri i Gitega n'i Ngozi kugira bibandanye bitera imbere. Hazosubirwamwo kandi n'inyubakwa z'ishure ry'ubuvuzi rya gisirikare bongere barironse ibikoresho vy'aho bapimira indwara kugira ngo rishike ku rugero rw'ayandi mashure y'ubuvuzi.

### Ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge (HMK) vyararanguye ibikorwa bitari bike mu ntumbero yo kwakira neza abarwayi

Bamurikiwe n'icivugo co kuba ibitaro vy'akarorero bihiganwa hano mu gihugu no mu makungu, ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge vyarakoze ibishoboka vyose kugira bashike kw'ihangiro bihaye ryo kuronsa ababitura ivyo bakeneye vyose.



*Umwimbu ushimishije cane ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge*

Nk'uko bimenyweshwa na Muganga Général de Brigade Marc NIMBURANIRA arongoye ivyo bitaro, ngo muri uno mwaka barasubiyemwo bongera baragura inyubakwa zimwe zimwe nk'aho basanzwe bakorera imiduga, aho abarwayi bamesurira n'aho bafungurira. Barasize kandi amarangi mashasha ku nyubakwa yakira abavyeyi n'ibibondo hamwe n'inyubakwa yakira abarwayi bivuza bataha. Kugira bapfunyire urugendo ababitura, ibitaro vy'abasirikare vyarashizeho igisata c'abakoresha ikarata yo kwivurizako ya mitiweri kugira bashobore kwakirwa n'ingoga bitabagoye. Harashizweho kandi aho bakirira intwazangabo n'abandi banyacubiro bo mu gihugu. Ivyo bitaro bikaba vyararonse n'imiti ikoreshwa mu gupima ingwara y'igitigu (Hepatite B&C). Iruhande y'ivyo, muri uno mwaka, ibitaro HMK vyarakoresheje ku mugaragaro ikibazo co kwinjiza mu kazi abakozi bashasha vyongera birakarihiriza ubwenge abakora mu gisata c'ubutunzi c'ibitaro.

Mu biriko birarangurwa, ibitaro biriko birubaka inyubakwa bazobagiramwo abafise uburwayi bw'umutima busabako babarwa. Bariko barashiraho kandi ikigega c'mazi c'amaritiro ibihumbi mirongo itanu kugira borohereze abarwayi. Ikindi kandi, ivyo bitaro biriko biritegura ikibanza gifise ubuhinga bwo guturira imicafu hakoreshejwe umuyagankuba. Ivyo bitaro bikaba biriko biritegurira no kwakira icuma co gupima uburwayi bukomeye citwa «scanner».

Ku ruhande rw'imigambi ya kazoza, ibitaro HMK bizokwubaka aho kurabiramwo n'ubundi burwayi butandukanye, hongere hubakwe n'aho kwakirira abasirikare bavurirwa mu bitaro hamwe n'imiryango yabo. Hazoba kandi n'ibikorwa vyo gusu biriza amabati ya kera atagihuye n'iki gihe bashireho amabati asanzwe. Hazoshirwaho kandi n'ubuhinga bwa none bukoreshwa n'ibitaro vyose.

**Capt NTAKARUTIMANA RUTH**

# Imirwi ya Muzinga yigenjeje neza uno mwaka wa 2023

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rubicishije mu gisata kijejwe imyimenyerezo, inyigisho n'ibikorwa vya gisirikare rwaronse umwimbu ushimishije muvy'inkino mu mwaka wa 2023. Imirwi imwe imwe ya Muzinga ikaba iri mu bibanza vyiza cane.*

Muri uno mwaka w'2023, igisata kijejwe imyimenyerezo, inyigisho n'ibikorwa vya gisirikare kibicishije mu biro bijejwe ukwinonora imitsi muri FDNB cararanguye ibikorwa vyinshi muri ico kiringo. Umukuru mfatakibanza w'ivyo biro Lieutenant-Colonel Ntibutumirwa Pierre Claver yamenyesheje ko imirwi ya Muzinga yitabiriye amahiganwa yatunganijwe n'amashirahamwe yo mu gihugu mu nkino zitandukanye. Imirwi ya Muzinga rero ikaba yigenjeje neza cane uhereye ku murwi wa Muzinga w'abigeme bakina urukino rw'umupira w'amaboko Volleyball, hamwe n'uw'abigeme bakina umupira w'amaboko wa Netball. Iyo mirwi uko ari ibiri ikaba ariyo yatahukanye ibikombe vy'amahiganwa yo ku rwego rw'igihugu yo muri uno mwaka wa 2023.Umurwi wa Muzinga w'umupira w'amaboko Handball ukaba uri mu kibanza ca gatatu mu gihugu. Muri za nkino z'ukuhwana nazo, umurwi wa Muzinga wa Taekwondo watahukanye imidari icenda irimwo itanu y'inzahabu, itatu y'umwakaka, hamwe n'umwe w'umujumbu.Ivyo bikaba vyabereye I Ngozi aho bariko bakina urukino rwa nyuma rw'ihiganwa ryo ku rwego rw'igihugu. Mu rukino rwa Judo naho,umurwi wa Muzinga watahukanye imidari icumi n'ibiri irimwo umwe w'inzahabu, ibiri y'umwakaka hamwe n'icenda y'umujumbu. Naho nyene hakaba hari mu rukino rwa nyuma rw'uno mwaka wa 2023 ku rwego rw'igihugu mu Ntara ya Gitega.




*Ihiganwa ryo gusiganwa mu bagize urwego FDNB rirafasha kubona impano abasirikare basanganywe*

**Unugwi wa Volleyball w'ubushikiranganji ni wo watahukanye igikombe uno mwaka**

Imirwi y'ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba yaritavye ihiganwa ryahuje imirwi y'ubushikiranganji butandukanye. Iryo higanwa ryama ritunganywa uko umwaka utashe n'ubushikiranganji muvyo bujejwe harimwo inkino. Uno mwaka w'2023, umurwi w'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba niwo watahukanye igikombe c'ihiganwa mu rukino rwa Volleyball. Nayo umurwi w'umupira w'amaguru ukukira ubwo bushikiranganji ukaba waviriyemwo mu gice ca kabiri gishira ica nyuma c'ihiganwa.

**Abasirikare bafata iya mbere mu gusiganwa mu kwiruka mu Burundi**

Mu mahiganwa yo gusiganwa mu kwiruka ibirometero icumi mu karere ko mu burengero (Bujumbura-igisagara ca Bujumbura, Bubanza, Cibitoke), abanonotsi b'abasirikare nibo batahukanye ibibanza bitatu vya mbere. Kubera ubwo bubangutsi, abanonotsi b'abasirikare batatu baherutse gusanga bagenzi babo babiri basanzwe bimenyereza mu mahanga nko mu gihugu c'Ubutaliyano no mu gihugu ca Espagne. Mu kwiruka ibirometero 42 (Marathon) ,umwanya wa mbere mu gihugu cacu ufiswe n'umunonotsi wo muri Muzinga 1er Sergent Irabaruta Olivier akaba akoresha umwanya w'amasaha 2, iminota 7 hamwe n'imisegonda 13 (2hr 7min 13sec).

Nayo umunonotsi, 1Cl Bizoza Thérence afise umwanya wa mbere ku birometero 21 akaba yagize umwanya w'isaha 1 n'iminota 2 hamwe n'imisekondo 31 (1hr 2min 31sec).



*Umugwi wa Muzinga w'abigeme muri Volleyball niwo watahukanye intsinzi mu mahiganwa yo ku rwego rw'igihugu uyu mwaka w'2023*

Mu misi iza bakaba bagiye gusubira mu myimenyerezo kugira bitegurire inkino mpuzamakungu zizobera I Paris mu gihugu c'Ubufaransa mu mwaka wa 2024.

***Maj JMV NININAHAZWE***